# Ibiba Vyǎ None Bishirwa ahagaragara n’Úbuvugîshwa

San Bernardino, California, USA
06 Kigarama 1965

1 Twunamike imitwe yacu. TuraGushimiye kuri uno mugoroba kuko Wishura amasengesho yacu. Uyu mugore mukundwa, amerewe nabi, aryamye hariya, aho ukubagwa kwiwe atacavuyemwo. Ariko, Ôo Mana, turibuka yuko ukubaga kwa mbere kwigeze gukorwa kw'isi, ari WeWe Ubwawe wagukoze. Wakuye igufa mu rubavu rwa Adamu, wugara ahabazwe, maze ubumba umugeni. Ôo Data, ndasavye uyu mugoroba Ikiganza caWe kimanuke kano kanya, maze gishitse iki kintu gihambaye turiko turasaba. Kandi n'aba bandi, Mwami, uyu mukenyezi afise ingorane zo mu mutwe, abo bandi bose bafise imitwaro, turabagushikirije gusa, Data, n'imitima yacu yose. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Ameen.

Ni amahirwe vy'ukuri kuba hano, kuri uno mugoroba, no kubona iri koraniro ryiza imbere yanje, be n'izi ndirimbo nziza, uyu murwi muto mwiza w'abaririmvyi. Nariko ndiyumvira itandukaniro, igihe nariko ndabona iyo misore ihagaze ng'aho, ifise… abahungu basa neza, imisatsi imoye neza. Ejo ku mugoroba, nariko ndiyumvira ku - ku hantu mbaye; harinjiye umurwi w'ábabāndi hama ugerageza gusomesha nturi umuhungu umwe mu kidengeri bogeramwo; vyasavye ko bahamagara ubutabazi kugira babasohore ng'aho. Mbega itandukaniro, kubona iyi miyabaga ihagaze, iririmba indirimbo z'Ubutumwa bwiza; mbega itandukaniro.

2 Nariko ndibaza, nk'uko mwene Data Henry yabivuze hariya: “Ba bagabo, bafise imishatsi nk'iy' abagore bategerezwa kugira,” murabona? Ni - ni - n'ukuri. Womengo ni... Ndabona iyo misore igerageza kubikora, kugira iyo mishatsi nk'iyo, bagashiramwo n'ibigudi, hirya no hino yo mu maso. Kandi sinzi, nda...hari igihe numva ndendebukiwe! Bisa n'aho ari - ari igihe nyaco c'ukwononekara. Abagabo bagerageza kwambara imyambaro y'abagore, abagore nabo bakambara imyambaro y'abagabo. Kandi abagabo batereka imishatsi yabo nk'abagore, abagore nabo bakagira imishatsi nk'iy'abagabo. Mbega koko, abo bantu bafise ingorane nyabaki? Mbega vy'ukuri, iri hanga, aba bantu, iyi si, baratakaje n'akaranga k'ibanze ko kwikwiza no kwiyubaha?

Iki ni igihe giteye ubwoba, ariko nico gihe ciza cane kw'isi, co kuvugamwo Ubutumwa Bwiza. Iyo nza kubaho mu mpera y'igihe imbere y'uko kibaho, hanyuma Data akandaba akambaza ati: “Ni igihe ikihe muri ibi bihe bizoza wipfuza kuvugamwo Ubutumwa?” Noshatse kino gihe c'ubu nyene, neza na neza ubu, imbere gato y'Ukuza kwiWe.

3 Ndiko nditegereza rino koraniro, ryicaye imbere yacu… Umugenzi wanje umwe w'umuvugabutumwa, hariya i Tucson ejo hahise, yariko aragendera kw'ifarasi. (Bitumye nibuka wa mugabo afise…wa mugore afise ingorane y'urutirigongo.) Iyo farasi yaramutuye hasi. Uwundi mugabo yampamagaye, sahindwi z'ijoro, kw'ihoteri yanje, arambwira ati: “Wa mugabo ari mu bitaro vy'abakukuruke b'abasirikare, yarerembuje amaso, umugongo wiwe wabaye iyondoyondo, amafyigo yiwe yasohotse hanze, umutima wiwe uri hafi guca.” Naciye mpfukama hasi, ku mavi; nca ndamuronka ku murongo wa terefone, ndamusengera. None ng'uyu ari hano, kur'uyu mugoroba, yicaye hano. Hari mw'ijoro ryakeye. Bob, wohaguruka, hiyo? Ng'uriya nya muntu, hariya. [Ikoraniro riciye rikoma amashi. - Umw.] Imana irishura amasengesho, mu gatondo, mw'ijoro, ku mutaga, mu gicugu, canke umwanya wose.

4 Rero, jewe - jewe ndi umuvugabutumwa w'amajambo adakama, nk'uko bavyita. Ntibingwa neza gutangura mur'uyu mwanya w'ijoro, nanje - nanje nari nibajije yuko nari kuhaca gusa. Ejo bundi n' i mugoroba, kuki, twariko turaganira ahantu kanaka, hano, hanyuma…inyuma y'iminota cumi n'itanu ntanguye, abantu bariko baregeranya ibikoresho bongera banyereka mu bimenyetso bati: “Have, Ceceka, utegerezwa gusohoka hano,” bariko baratumura itabi, bavuza urwamo. Ntiryari ikosa ry'abari batunganije ayo - ayo mazimano, ryari iry'abo twakoteye. Niho - niho umugore w'umukuru wa komite yaca azunguruka agenda kuvugana n'uwushinzwe ico kibanza, avuga ati…

Aca amubwira: “Mutegerezwa kuba mwavuye ng'aha 9:30 z'ijoro.”

Aca avuga ati: “Ariko ivyo ntavyo wigeze ushira mu masezerano.”

Uwo mupfasoni, kur'uno mugoroba yaje (umupfasoni mwiza koko), avuga ati: “Twatahuye yuko muhakeneye,” avuga ati: “murashobora kuhaguma umwanya wose mushaka.” Rero ivyo... Rero ndabishima cane kubw'ivyo. Ivyo ni vyiza rwose.

5 Mwene Data Henry, ndabashimira kubona mwaragize u - ubugwaneza bwo kuntumira hano, mur' iri shami.

Ejo ku mugoroba, naragiriwe ibakwe ryo kuba hariya mu Makoraniro y'Imana aho nizera ko mwene Data Boone ari we mwungere waho. Nagize ibihe vyiza cane hariya n'uwo murwi w'abo bantu. Kandi ejo ku mugoroba tuzoja ahantu kanaka hano, (sinzi aho ari ho) kandi ni irindi shami. Bariko baravyitwararika, jewe mbandanya nsenga gusa, nsoma, nkabandanya, kandi ivyo nivyo nshoboye gukora gusa.

6 Ariko rero, turabona ibintu bitangaje, mur'ino minsi. Rero ndibuka igihe mperuka hano cari igikorane co mw'ihema. Ndibuka ko nabivuzeko mw'ijoro riheze, ibijanye n'umugabo n'umugore bakiri bato bazanye

umwana wabo yapfuye. Ni - ni amaja haruguru, ahantu kanaka ng'aha, bari bagenze n'imodoka umurango n'ijoro. Uwo muvyeyi akiri muto yari yicaye, ababaye, afise uwo mwana muto mu maboko yiwe. Rero, arashobora kuba yicaye hano muri kano kanya, kuvyo nzi. Kandi ya…uwo mugabo akiri muto, bari kumwe n'iyindi miryango kanaka, kandi ba… Aca avuga ati… ambaza (uwo mugabo niwe yambajije) ko noshobora kuza ku modoka. Naciye nsohora uwo mwana hanze, ndamufashe; ishusho ntoyi y'umuvyimba, wadadaraye, ukonje; nca ntangura gusenga. Mze gusenga, uwo mubiri uca utangura kwumvikana nk'uwuriko uragira ubushuhe. Nca ndagira gusa… Nca mbandanya nsenga. Gaca gatangura gutera imigere no kwinyiganza, karabandanya, hama nca… gatangura kurira. Nca ndagasubiza nyina, aca agasubirana i muhira. Rero kumbure bashobora kuba batari n'Abakristo, ivyo nzi jewe, murabona. Murabona? Vyari vyiza cane.

7 Ariko ico ndiko ndiyumvira, kur'uyu mugoroba, ndazi ishengero naryo nyene riri ku mpfiro: ni abantu bacu b'Abapentekote. Bidusaba kwinyiganza kugira tuve mur'ukwo kuntu, uh-uh, ni ivyo nta kindi. Kandi uburyo bwonyene mugiye kubikoramwo ni amasengesho no kwishira ku murongo n'Ijambo ry'Imana. Nibwo buryo bwonyene tuzobikoramwo. Hari inzira imwe gusa yo kubivamwo, We niWe iyo nzira, Yesu Kristo Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Mbega twokwipfuza yuko ishengero ryacu ryisanga muri ukwo kuntu nk'ukwo yavuze hariya, nko mu Bwongereza? Nico gituma nabaye, nk'uko muvyibaza, uwukara cane, ndabakankamira. Yamara simba mfise intego yo gukora ivyo, mugabo sinshaka kubona ishengero ryinjiye mu kuntu nk'ukwo. Namwe ntimugomba kuba muri ukwo kuntu. Bi - bisaba yuko uBishimangira n'inguvu nyinshi cane ku buryo uvyinjiza bigafata neza. Bitegerezwa gukorwa.

Kur'uno mugoroba rero, mfise gusa…Ivyanditswe kanaka n'igisomwa hano ngomba mvugeko mu mwanya muto. Nta mwanya utomoye mvuga. Mwumvise murushe, erega… birashoboka ko noheza mu minota mirongo itatu, bivana… Mu buryo kanaka igihe cose nama ndabirekera Mpwemu Yera, akabirongora ukwo ashaka.

8 Twongere twunamike imitwe yacu akandi kanya gato, tuvugane n'Umwanditsi imbere yuko tuzingurura Igitabu ciWe:

Mana Mushobora vyose, Mwanditsi wa kino Gitabu, turasenze biciye kuri Yesu Kristo. Turashimye kuvyo tumaze kwumva kur'uno mugoroba. Hamwe twoheraheza iki gikorane tuvuga duti “Amen,” hanyuma tugataha i muhira, vyari vyiza kuba hano, kuko tuzi yuko Wari kumwe natwe. Kandi, Data, mu gihe tugiye kwugurura iri Jambo, vugana natwe ikibiriraho biciye muri rino Jambo, kugira tumenye igihe tubayemwo. Mu gihe tumenye igihe tubayemwo, gurtyo turashobora kwitegura kubw'ico gihe; ariko dupfuye kwinjira gusa tutazi ico ari co n'aho ari ho, aho rero ntitwomenya ukwo twitegura. Kubw'ivyo Data, turasavye ko wotwemerera kubona bwa bwato hariya, n'Umuryango wuguruye, n'Ubutumwa buduhamagarira kwinjirayo. Biduhe mw'Izina rya Yesu Kristo. Ameen.

9 Mu Vyanditswe Vyera, ngomba gusoma igisomwa hano kiri mu gitabu ca Luka Mweranda, Ikigabane ca 24, i…ngomba guhera ku murongo wa 13, nsome igice caco.

> *Uwo musi nyene babiri muri bo bari mu nzira baja mu mihana ahitwa Emawusi, ni kure y'i Yerusalemu nk'urugendo rwa stadiyo mirongwitandatu, bavugana... ivyabaye vyose.*
>
> *Bakivugana babazanya,…*
>
> *Yesu ubwiWe Arabegera, Ajana na bo.*
>
> *Arikw amaso yabo atabwamw' uruhuni ngo ntibaMumenye.*
>
> *Arababaza, ati Mbeg' ivyo mugenda murabazanya n'ibiki? Barahagarara, bijiriwe.*
>
> *Umwe muri bo yitwa Kileyopa aramwishura, ati Mbega ni WeWe gusa Watse indaro i Yerusalemu, Utazi ivyabayeyo mur' iyi minsi?*
>
> *Arababaza, ati N'ibiki? Baramwishura, bati N'ivya Yesu Umunyanazareti, yar' Umuntu avugishwa n'Imana, Akaba Umunyabushobozi bwinshi mu vyo Yakora no mu vyo Yavuga, imbere y'Imana n'imbere y'abantu bose:*
>
> *n'ivy' ukw abaherezi bakuru n'abashingantahe bacu baMutanze ngw… Acirwe urubanza rwo gupfa, bakaMubamba.*
>
> *Kandi twari twishimiye yukw'Ari We Azocungura Abisirayeli. Kand' ikigeretseko, uyu n'umunsi ugira gatatu uhereye ah' ivyo vyabereye.*
>
> *Kandi n'abagore bo muri twebwe badutangaje, bazindutse baja ku… mva;*
>
> *…babuze ikiziga ciWe, baraza batubarira yukw'abamarayika babiyeretse… bavuga yukw'Ariho.*

*Kandi na bamwe mu bari kumwe natwe bagiye ku mva basanga ari ko biri, ukw abo bagore batubariye; ariko We ntibaMubona.*

*Arababwira, ati Yemwe mwa mburabwenge, imitima yanyu itevye cane kwizera (kutizera) ivyo abavugishwa n'Imana bavuze vyose!*

*Mbega Kristo ntiYar' Akwiye kubabazwa Artyo ngw'Abone kuja mu Bwiza bwiWe?*

*Atangurira kuri Mose no ku bavugishwa n'Imana bose, Abasobanurira mu Vyanditswe vyose Ivyanditswe kuri We.*

Imana yongere imihezagiro ku gusomwa kw'Amajambo yaYo.

10 Ubu rero, ngomba gufata…Nimba novyita umutwe w'amajambo, nashaka gufata uyu: Ibiba… Ibiba Vya None Bishirwa Ahagaragara n'Ubuvugishwa. Rero, uko niko Imana yamye igihe cose…inzira idahinduka y'Imana yo ku…kumenyesha ihanga ryaYo ibintu kanaka biba imbere yuko bishika.

Iyo abantu mu gihe c'Umwami Yesu baza kuba bari barondeye Imana, bakamenye ivyari vyimirije kuba, ntibari kuba baraciriye Yesu urwo gupfa. Ariko igituma ni uko, Ivyanditswe vyategerezwa gushika, kubera Abayuda bategerezwa guhumishwa. Ivyo twese turabizi.

Mbega, mwari muzi yuko vyasezeranywe kandi no muri kino gihe tubayemwo? Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya, iki gihe c'Indwi c'Ishengero turimwo ubu, kigenda amenya, carafutanye, kirahumye, ariko ntavyo kizi. Kwa kundi nyene Yabahumisha kiriya gihe kubw'intumbero yo gushikana Ubutumwa bwaYo ku batoranijwe, yarasezeranye ko izokora nk'ivyo nyene uyu munsi.

11 Kandi nimba novuga ibi mu cubahiro, kuri bene Data bose na bashikanje bose muri Kristo, umwe muri ino minsi umuntu umwe azovuga ati: “Mbega vyanditswe yuko ibi bintu vyotegerejwe kubanza gushika ubwa mbere?”

Kandi bizoba nk'uko vyari biri kiriya gihe: “Ndababwire ukuri, yaramaze kuza, ariko bamwigiriye ukwo bagomba.”

Igihe baMubaza, bavuze bati: “Kuki, abanyabwenge bavuga, n'Ivyanditswe bivuga yuko - yuko 'Eliya akwiye kubanza kuza?'” Ukwo niko babajije Yesu.

Arababwira ati: “Yaramaze kuza, ariko ntimwamumenye.” Murabona? Kandi kumbure ukwo niko bizorangira kandi.

12 Ubu rero dushaka kumenyeshwa, tumenye ibibwirizwa kuba muri runo runganwe tubayemwo. Imana yagabuye Ijambo ryaYo kuri buri gihe, urugero kanaka kuri buri gihe, kandi dutegerezwa kubona yuko igihe kimwe kidashobora kubandanya ngo cinjire mu kindi gihe. Ntivyoshoboka namba. Nk'akarorero, nk'uko nabivuze, ndibaza, hari mw'ijoro ry'ejo canke… Nama ndiko ndavuga Ubutumwa, ubudahengeshanya, ijoro ku rindi, ahantu henshi, ikindi gihe ugasanga ikintu ndakivuze kabiri. Simba mfise intego yo kuguma nisubiramwo, ariko ni... Mvuze nti: “Vyari ku…kumarira iki Mose kugerageza kuvuga Ubutumwa bwa Nowa? Canke vyari ku…kumarira iki Yesu kugerageza kuvuga Ubutumwa bwa Mose? Canke vyari kumarira iki Martin Luther kubandanya n'Ubutumwa bwa Katolika? Vyari kumarira iki Wesley kubandanya n'Ubutumwa bw'Ikiluteri? Vyari kumarira iki Abapentekote kubandanya n'Ubutumwa bw'Ikimetodiste? Canke bizomarira iki Abapentekote kubandanya mu gihe Umugeni ariko arahamagarwa? Murabona, twinjiye neza na neza mu gihe c'Urutete, turi hano mu gihe c'iherezo. Iyo rero agatete k'urugano kataguye mw'ivu, kaguma ukwo kari konyene.

13 Nk'umuneguzi, nk'uko nagize ico ndabivugako kuva kirya gitabu gisohoka, kumbure yuko mumaze kukironka hano mu - mu gisagara canyu, ca wa mwanditsi w'umudagi yǎnditse kimwe mu bitabu vyo kunegura cane. We ni umuntu atizera. Vy'ukuri si… sindiko ndamwifatira mu gahanga kuko kubera nawe yanyiftiye mu gahanga cane, ariko kubera we ari uwutizera, ico gitabu nticotegerejwe namba gushirwa mu bubati bw'ibitabu. Yavuze rero ngo: “Imana yigumiye ng'aho, yiyicariye ivuga yuko yari ishoboye kwugurura ikiyaga gitukura ikarokora abantu baYo, hanyuma ikiyicarira ng'aho yazingiye amaboko yaYo kun da, yirabira muri vya bihe vy'umwijima abo Bakristo batabagurwa n'intambwe, abo bavyeyi n'imishatsi yajobetswe mw'ikaburimbi, benenekwa ku misaraba, bagaturirwa, n'uruhinja rwabo…abavyeyi bibungenze, barabasatura imbanyi bagapfindanira igitsina c'umwana naYo iriyicarira, irareka ivyo bintu biraba, abo bantu bitwa yuko ari abakozi b'IYo Mana nyene.”

14 Murabona, Ivyanditswe ni ihumekerwa. Ntaho uzigera namba ushobora kumenya Ivyanditswe mu kwicara gusa ngo ubibone uhagaze kuvya tewolojiya, uhagaze kuvy'amashure, ivyo ntaho vyigeze bigira ico bifasha.

Nariko ndavugana n'umuvugabutumwa w'Umubatiste ejo bundi, avuga ati: “Igihe cose tutazoba turiga Ikigiriki nyaco, igihe cose tu…”

Nca mvuga nti: “Muri ya Nama nkuru y'i Nikeya, n'imbere y'aho, baraharira ku majambo y'Ikigiriki muri Bibiliya.” Ntimuzigera mubimenya.

Bibiliya itegerezwa guhishurwa biciye ku guhumekerwa. Nico kintu conyene gihari, impishuro. Yesu yabwiye Petero ati: “Kuri urwo rutare.” Uru rutare rwo guhishurirwa, ruhishura ico Ari. “Uri umuhirwe Simoni mwene Yona, kuko ivyo utabihishuriwe n'inyama n'amaraso, ariko Data wo mw'Ijuru niWe abiguhishuriye, kandi kuri urwo rutare nzokwubakako Ishengero ryaNje.” Si kuri Petero, sinokuri We ubwiWe, ariko ku mpishuro ya Mpwemu y'ico Ari.

Kandi We ni Ijambo! Yohana Mweranda 1; “ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi UWo Jambo yari Imana. Kandi UWo Jambo yambaye umubiri abana natwe.” Abaheburayo 13:8, “Ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose.”

15 Kubw'ivyo tubayeho mu gihe y'aho ukwigaragaza kw'Ijambo ry'Imana gutegerezwa gushika mu gihe gitandukanye n'igihe c'Igipentekote. Kandi ukwo ni ukuri. Mwibuke, muzo… jewe sinize, ariko ntushobora gutsinda ivyaremwe, kuko Imana ikorera mw'ibandanya hamwe n'ivyaremwe. Ni nk'uko gusa, nk'uko maze kubivuga, izuba riraseruka rikongera rikarenga; rica mu gihe c'umurango nka kurya kw'igihe c'amashure; rigaca ripfa ku mugoroba; kugira ryongere kuzuka bukeye mu gatondo. Ibiti biramanura ubukame bwavyo muri ca gihe gikanye cane, bukaja mu mizi, bukongera kuduga kw'iremba.

Nimurabe, yaBigereranije n'agatete k'ingano, Umugeni, igituma Imana yategerezwa kubireka bikagenda ukwo. Rya Shengero ryiza, nyaryo, ry'Ukuri ryatanguzwa ku munsi wa Pentekote, ryari ryakuze ryongera rirakura kuva kuri wa munsi wa Pentekote, riba Ishengero rinini, vyasavye ko rigwa mw'ivu murica gihe c'umwijima, rigahambwa nk'uko imbuto zose zihambwa. Vyasavye yuko ripfa kugira ryongere kumera muri ca gihe c'ubugorozi. Ryameze biciye muri wa muntu w'ubugorozi, Martin Luther. Uhereye aho, kari nk'akaronge k'ingano, ingene kariko karakura. Ikintu ca mbere kibanza guseruka ni ububabi tubiri dutoya, kagaca rero kaguma kongerako ayandi mababi. Habanje kuza Martin Luther, hanyuma Zwingli, kubandanya, Calvin, n'ingene bǎbāndanije.

16 Hanyuma kinjira mu mezeza. Aho rero yari John Wesley mu gihe ca Wesley. Cari gifise umurayi wahungurutse.

Uvuye aho haca haza igihe c'Abapentekote, cari cegereye cane, casa neza n'urutete nyakuri rw'ingano, uravye ikironge. Ariko ufashe urwo rugano ukarwugurura, nta rutete rurimwo namba, ni igishishwa gusa cibumvye bwa rutete. Ariko kiri aho kubw'intego kanaka, ni kugira ngo gikingire urutete kugeza… Izuba rirwakiye ben'uko ryoca rirwica.

Rutegerezwa kugumamwo gushika igihe kanaka, maze ubuzima bwose bugaca buva mw'ico gishishwa (nk'uko bwavuye mu kironge, bukava mu murayi), buca buva mu gishishwa, bukinjira mu rugano rugaca rwongera kumera neza na neza kumwe rwari ruri hariya mw'ivu.

17 Kandi, twese turazi yuko igihe cose Ubutumwa buba butanzwe, mu kiringo c'imyaka itatu baca bagira idini. Iyo bakoze ivyo, bica biBwica aho nyene, niko vyagenze mu gihe ca Luther; koko, niko vyagenze mu gihe ca Wesley, niko vyagenze mu gihe ca Alexander Campbell, n'abo bandi bose, kandi niko vyagenze no mu gihe ca Pentekote. Ukwo nyene! Murabona? Mushika ahantu, umwe wese aba intagondwa, bagaca bata inzira, ugasanga ntibashoboye kwakira impishuro nshasha. Barashirwa ng'aho; bakibera aho nyene, bagaheza bagapfira aho nyene. Ubugingo nabwo bugacamwo burengana, bukaja kubumba urugano. Iyo rero urugano ruserutse, bwa Buzima bwagenda buca muri urwo rugano, izuka, rica riserura ico kintu cose ahagaragara; egome, rikakizana kubw'izamurwa.

18 Ubu rero nimwibuke, buno Butumwa bwatanguranye ubwa mbere n'Ugukira indwara mu buryo bwa Kimana, ugukorwa ibitangaza. Iyo rero Imana ireka ngo ivyo bibere mw'ishengero risanzwe, nk'ivyo tuza dufise, ntiyari kuba ari Imana. Imana ntikeneye kwiyerekana; nti - ntikeneye gukora ibintu nk'ivyo, ngo itunezereze, nk'uko twebwe Abanyamerika tubimenyereye (kwinezereza), ariko ibikora kugira ngo ikwēgêre abantu, yuko hari ikintu yiteguriye gukora.

NimuMurabe ubwiWe igihe yaza. “Umuvugishwa mwiza cane muto, Mwigisha, Umuvugishwa w'Umunyagalilaya.” Kuki, igikorwa c'ibango ryiWe cari ciza cane, yarahawe ikaze muri buri shengero ryose.

Ariko umuns'umwe yaricaye avuga ati: “Jewe na Data Turi Umwe.”

“Ôo, bagenzi!” Ico nticarushe cemerwa. “Kuraho Umuntu nk'UYo!”

“Mutariye Umubiri w'Umwana w'Umuntu, ngo munywe n'Amaraso yiWe, nta Bugingo mufise muri mwebwe.”

“Ntimubona, ni ikinywamaraso! Nimwigirwe kure y'Umuntu nk'UYo!” Murabona?

Murabona, hariho ikintu kanaka categerezwa gukurikira ico kimenyetso. Murabona, hariho icaciye

gikurikira.

Igishishwa cararuzigamye, ariko ubu igishishwa kiriko kiravako; gitegerezwa kuvako. Kandi nimwibuke, imyaka mirongo ibiri irarangiye ariko nta yandi madini aravamwo; kandi nta n'ayazovamwo. Turi kw'iherezo ry'amadini, urugano rwibumvye. Ariko ingorane ihari ubu ku rugano ni nyabaki none, ntushobora… rutegerezwa kuguma mu Nyonga za wa Mwana, kugira ngo rukomere, imbere yuko ca kimashini gisarura kirutora.

19 Ubu rero, ibiba turiko turabona bishika, vyerekanywe mu buryo ntabanduka muri Bibiliya, ivya buri gihe. Twibaza yuko twese twahuvye inzira, ariko siko biri, buri kintu cose kigenda gihwanye neza n'Ijambo ry'Imana.

Bibiliya rero, ni Igitabu gitandukanye n'ikindi gitabu cose ceranda. Nta gitabu kiriho kimeze nka Bibiliya, kuko Bibiliya ari Imana mw'ishusho y'Ijambo. Murabona? Ni… Ijambo ni iciyumviro giseruwe. Ivyiyumviro vy'Imana vyarariseruye, Amajambo yaYo bicye ku bavugishwa; baraheza baca bandika Bibiliya, iri mw'Ishusho y'Ijambo. Yesu naWe akaba yaRyise, “Urubuto.” Kandi buri rubuto ruzorondoka nk'uko ubwoko bwarwo buri, nimba ruri ahantu hameze neza, icuka ciza. Iki Gitabu rero ca…Ni I… Iki Gitabu c'ubuvugishwa, ki - kiravuga imbere y'igihe ibizoba muri kazoza. Ico Gitabu reri kikaba kirimwo ukwihishura kwose kwa Yesu Kristo. NtuCongerako canke ngo ukureko, kandi buri mpishuro yose itegerezwa kuza iciye kuri Co. Murabona, itegerezwa kuba ari Ijambo.

20 Abantu rero baravuga ngo: “Nararonse impishuro.” Egome turazi yuko Joseph Smith n'abandi benshi ko baronse impishuro n'ibindi, ariko vyari binyuranye n'Ijambo.

Itegerezwa kuza ihuye n'Ijambo nimba ivuye ku Mana, kuko iba ari ukugira ngo yemeze canke igaragaze Ukubaho kw'Imana. Kandi ivyo bintu vyose Yabimenye imbere y'igihe ari… Mu kumenya kwayo kw'imbere y'igihe, Yaratoranije imbere y'igihe. (Muri Bibiliya vyitwa ngo “Ugutoranywa kwo kuva kera”) buri gihe ahantu haco, na buri muntu wese ahantu hiwe, na buri ntwarabutumwa ahantu hayo. Yo ni Imana, wa murwanizi ntashobora kuYihenda ku kintu na kimwe. Kandi Yo ni Imana, kandi Yashinze yuko ikintu cose kiba, kandi kigahura neza na neza n'Ijambo ryaYo.

Rero nimba dushobora kubona, biciye mw'Ijambo ryaYo, igihe n'umwanya tubayemwo, muca mubibona aha nyene muri Bibiliya, ku bijanye na kino gihe, ico dutegerezwa ku…ivyategerezwa kuba muri kino gihe.

21 Rero ivyo - ivyo bindi bitabu, turabona ibitabu vyinshi bita “ibitabu vyeranda,” n'ibindi. Ndamaze gusoma i - ikorowani n'ibindi vyinshi. Ariko murabona, ibitabu vya - vyabo vyeranda ni ibitabu vyigisha ingendo nziza gusa, z'urupfasoni, canke za tewolojiya.

Ariko kino Gitabu ni Umuvugishwa, kiratandukanye n'ikindi gitabu ico ari co cose. Bibiliya ni Ijambo ry'Imana rivuga ivya kazoza bitaraba. Kivuga ibitaraba kuko cabiburiwe hakiri kare.

Iyo Imana irungitse ikintu, Ivuga kandi yarasezeranye muri Bibiliya yuko ata na kimwe yokoze kw'isi itabanje kugihishurira ubwa mbere abasavyi bayo ari bo bavugishwa. Ni Amosi 3:7. I…kandi Imana ntishobora kubesha. Irabihishura, ubwo nibwo buryo yamye ibikoramwo ukwo ibihe vyose vyamye bikurikirana. Ntirigera Inanirwa na rimwe kubikora.

22 Kandi twarasezeraniwe, mu minsi y'iherezo, yuko ivyo bizogarukanwa. Nta - nta shengero rizobaho, nta dini, Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Abapentekote, ntibazigera namba (ukwo bari ubu) bashikana ishengero ku kuba Umugeni. Ntavyo bashoboye gukora, bananiwe. Bafatanye mu kanigo cane, kandi ivy'isi vyamaze kubanyengeteramwo, n'ibindi ; kandi - kandi bapfiriye neza na neza mu nzira. Kubw'ivyo ivyo Imana irabizi.

Kandi mu guhishura rino Jambo, umuntu umwe aravuga ati: “Neza, naronse iki. Imana ihezagirwe, bimeze uku.” Ukwo niko neza vyari bimeze igihe Yesu yaza ubwa mbere ; umwe wese yari afise inyigisho, umwe wese arafise iki. Bizosaba yuko kiba ari ikintu kanaka turungikiwe kiva ku Mana. Kandi Imana yarabisezeranye. Kandi uburyo bwonyene izobikora, ni - ni kuguma kuri bwa buryo bwaYo nyene. Yarasezeranye kuturungikira, muri ino minsi y'iherezo, nk'uko biri muri Malaki 4, umuvugishwa kw'isi, “yogarukanye imitima y'abantu, imitima y'abana igaruke kuri ba data b'igihe c'Intumwa kandi.” Ivyo yarabisezeranye mw'Ijambo ryiWe. Luka 17 n'ahandi henshi aho Yabisezeranye, yuko yo…Ivyo yokoze muri ino minsi ya nyuma kugira ngo izane ico kintu kuba Ijambo ryemejwe.

23 Murabona, umuntu arashobora kuvuga ivyo ashatse, ariko Imana idasobanuye iryo Jambo… Murabona, ubu, turifitiye insobanuro yacu ubwacu, tuvuga ngo bisobanura uku. Uyu nawe, Umumetodiste, avuga ibi, Umubatiste akavuga ibi, Umupentekote akavuga ibi, Umunyabumwe akavuga ibi, Umunyabubiri akavuga ibi, kandi, ôo bagenzi, ng'aho rero. Ariko Imana ntikeneye uwuyisobanura, niYo Yisobanura ubwaYo. Isobanura Ijambo ryaYo bwite mu kuryemeza mu gihe riba rigenewe, igihe ryatanzwemwo.

Ntitubayeho mu gihe c'Igipentekote, tubayeho mu kindi gihe. Murabona, ntitubayeho mu gihe c'Ikimetodiste, tubayeho mu kindi gihe. Tubayeho, hano hejuru mu gihe c'Umugeni, aho Ishengero rihamagarirwa gusohoka rigakoranirizwa hamwe kubw'Izamurwa. Ico nico gihe tubayemwo ubu. Ukwo ndabibona ata kubesha ukwo ni Ukuri kwose.

24 Kino Gitabu rero ni Igitabu c'ubuvugishwa. AbaCizera bategekwa kuCubaha no kugisoma, no kwizera NyeneCo, kuko buri Jambo ryose ryanditse muri Co ritegerezwa gushika. Ivyasezeranywe vyose bitegerezwa gushika, kuko ari Yesu Kristo muri buri gihe. Wa Wundi ejo hahise, Yari Yesu Kristo, Yari mur Nowa, Yari Yesu Kristo muri Mose, Yari Yesu Kristo muri Dawidi, Yari Yesu Kristo mur Yosefu, ni Yesu Kristo Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Kandi ni Yesu Kristo mu bantu biWe uyu munsi, ariko arakora ivyo yasezeranye ko yokoze muri kino gihe. Ni Yesu Kristo.

Ariko ishengero ryahindutse iryumaguye cane, ryagiye kure cane, nk'uko mwene Data yabivuze hano. Kandi - kandi amashengero yacu ariko aramera ukwo nyene, gushika aho dutegerezwa kuronka ikintu kanaka co kutunyiganza ngo kitugarure kw'Ijambo. Ni gute tuzi yuko bizokoreka? Bitegerezwa kuza bihuye n'umugtambi w'Imana bwite. Ntibishobora kuzanwa n'umulayike, ntibizozanwa n'umurwizatunga, ntibishobora kuzanwa n'amashengero. Imana yarashizeho umugambi waYo.

25 Naravugiye hano i Shreveport ejo bundi, mu kiganiro gisamiranira mu gihugu cose, ko, kugerageza gukorera Imana igikorwa atari ubugombe bwaYo. Dawidi yaegerageje kugarukana isandugu y'Uhoraho mu nzu. Yari yasizwe amavuta yo kuba Umwami. Erega, ya - yasiguje intumwa zi - ziwe, abagabisha biwe bagaba igihumbi, n'ibihumbi cumi, n'ibindi. Bose bavuga bati: “Ni Ijambo ry'Uhoraho.” Hanyuma basiguza umuherezi, “vyari vyiza cane.” Niho bose bahumekerwa cane, bavuza akaruru, barakora buri mugirwa wose wo gusenga ubaho. Ariko vyari binyuranije mu buryo ntabanduka n'ubugombe bw'Imana, kuko hariho mu gihugu yitwa Natani ariko akaba atari yigeze anasiguzwa ku bijanye navyo. Murabona? Kandi turabona yuko ata cavuyemwo n'ubwo bari babikoranye umutima wose, bagerageza gukorera Imana igikorwa.

26 Kandi urashobora kuba imvugakuri cane, ariko, gushika y'aho tuzomenya ico turiko turakora, muba muriko mukubita umuyaga. Nimugaruke mw'Ijambo ry'Imana muje ku murongo neza, hanyuma mugende; aho rero muba muzi. Nk'umu…umusirikare, ntamenya ico gukora, gushika aronse itegeko ryo kubikora. Bidusaba kuba abasirikare ba Gikristo, tugahabwa amategeko na Bibiliya, kubwa kino gihe c'ubu, atari amategeko y'ejo hahise, amategeko ya hirya y'ejo, ariko amategeko y'uyu munsi nyene (inzira tujana). Tumenye igihe tubayemwo.

Ibi biriko biraba vya none biducako vyihuta cane, kandi umunsi umwe tuzosanga twasizwe inyuma ataco dufise, duce dufatwa, dushirweko ikidodo mwa ca kimenyetso ca ca gikoko imbere yuko tubica ikanda.

27 Ubu rero, hamwe n'ukwihangana, dutegerezwa kurindira iki kintu, kuko ubuvugishwa bwasezeranye, bumwe bwose muri bwo butegerezwa gushika mu gihe cabwo, kubera butubwira imbere y'igihe, wa mwanditsi yaramaze ku bikora, tukaba twiteze kumubona yongera kubikora kandi. kubera butubwira imbere y'igihe, wa mwanditsi yaramaze ku bikora, tukaba twiteze kumubona yongera kubikora kandi. Mbega igihe nk'iki tubayemwo! Ikintu kimeze nk'I - nk'ikirangaminsi; uraba ikirangaminsi kugirango umenye umunsi w'umwaka ubayemwo, Bibiliya naYo uyiraba kugira umenye igihe tubayemwo. Ntitubayeho mu gihe c'Ikimetodiste, Igihe c'Ikibatiste. Tubayeho mu gihe c'Umugeni, kwa guhamagarwa, kugarukanwa ku Mana biciye mu muhora Yo yazeranye ko Yobigarukanye. Yarasezeranye kubikora.

Ariko nk'uko vyagenze muri buri gihe, abantu barareka umuntu agashirako insobanuro yiwe bwite kuri Ryo biciye kuri tewolojiya, ntibizere ukwemeza kwaryo kwa Kimana kw'Imana, iyo niyo nsobanuro y'Imana. Atari ivyo jewe mvuga, ivyo uwundi wese avuga, ariko ico Imana yasezeranye; kandi ivy'Imana ikora vyerekana ko ari Imana iriko irisobanurira Ijambo ryaYo bwite.

28 Barabibabwiye mwebwe Bapentekote, imyaka mirongo ine n'itanu, mirongo itanu iheze, ba nyoko banyu na ba so, igihe bari Abapentekote nyakuri, barasohotse bava mw'idini baravuma ico kintu barakivamwo. Hanyuma, kumwe imbwa isubira kuvyo yadashwe, muca mwisubirira ubutarariye muri vyo nyene. Muca mukora nka ca kintu nyene cica iryo shengero, mwica iryanyu mukoresheje ca kintu nyene. Ntaco ndwanyako abantu bayarimwo, nta na kimwe ndabirwanyako, ariko ni imikorereko yavyo niyo ibituma.

I muhira iwanje, nda…taha muhira… ibi sindavyigisha mu gikorane c'uwundi muntu. Ngiye kwigisha ku Makanda ya ya nzoka. Muzobwumvirize nimwaronka izo bǎnde.

29 Nimurabe, rero, barahushije kubona ukugaragazwa kw'ubuvugishwa bw'Ijambo ry'Imana buriko burashika. Iyo abo baherezi… Bari bipangiye neza na neza ukuntu Mesiya Yar'Agiye kuzoza; bari bazi ivyari bigiye gushika. A - Abafarisayo bari bafise iciyumviro cabo,Abasadukayo, abaherode, n'abandi bose, bari bafise ivyiyumviro vyabo. Ariko ntiyaje… Yaje mu buryo bunyuranye n'umw'umwe wese muri bo, ariko mu buryo buhuye n'Ijambo neza na neza. Yesu yavuze yuko ico kintu nyene ari co gihari no

ng'aha: "Iyo muza kuba mwaraMenye, mwari kumenya n'umunsi waNje. Iyo muza kuba mwaraMenye, mwari…" Muvuga muti: "Neza, Mose! Dufise Mose." Aca avuga ati: "Erega, iyaba mwizeye Mose, mwociye muNyizera, kuko yanditse kuri Jewe."

Ariko, murabona, igihe Imana yariko iremeza neza na neza ivyo yasezeranye, bari barihaye iciyumviro cabo c'uburyo kanaka bw'iteka Yesu yategerezwa kuzamwo, ni… nshaka kuvuga Mesiya. Vyasaba yuko Mesiya aza atumbereye umugwi wabo atar'ukwo ntiyari kuba ari Mesiya. Neza, ukwo niko bimeze, ni hafi nk'ukwo, uyu munsi, "Utaravye ucishije mu mirore yanje, nturiko uraraba namba." Murabona, kandi ukwo nikwo - nikwo bi - bimeze. Tu… Ukwo ni ukuri. Turanka kuvyibaza, ariko ni ukuri kutagabanije.

30 Mu Baheburayo 1:1, Imana kera, yanditse Bibiliya biciye mu buryo yo nyene yatoranije, Ntiyayanditse namba ikoresheje abanyatewolojiya, canke ngo Isobanure ikoresheje abanyatewolojiya. Nta gihe cigeze kibaho aho - aho abanyatewolojiya bigeze baronka insobanuro y'Ijambo ry'Imana. Insobanuro yama iza gusa ku muvugishwa. Kandi uburyo bumwe bwonyene tuzova muri uru rudubi n'uko Imana iturungikira uwo muvugishwa neza na neza vy'ukuri, nibwo buryo bwonyene bigiye gukorwamwo. Vyarizewe, birarindirwa, n'u - n'ugushitswa.

Murabona, ntivyanditswe n'umuntu, ariko vyanditswe n'Imana. Si Igitabu c'umuntu, si Igitabu c'umunyatewolijiya. Ni Igitabu c'Imana kikaba ari Igitabu c'ubuvugishwa canditswe n'abavugishwa kigasobanurwa n'abavugishwa. Bibiliya yavuze iti: "Ijambo ry'Uhoraho riza ku bavugishwa." Ata nkeka!

31 Ese ukuntu ivyo vyerekanywe neza, canke, vyagaragajwe igihe Yesu yaza kw'isi, Yohana nawe akaba ari we yari umuvugishwa w'ico gihe, kandi akaba ya - yariko aravugishwa. Bavuze bati: "Oo, ushaka kuvuga yuko Imana igiye guhonya amashirahamwe yacu ahambaye hano n'ibi bintu vyose? Kandi ko hagiye kuba igihe, insengero za - zacu zitazoba zigisengerwamwo ukundi?"

Yavuga yuko hoje igihe y'aho Imana yogize ikimazi kivuye mu Mwagazi w'Intama w'Imana, mu muntu Kandi yavuze yuko - yuko yoMumenye igihe Azozira. yongera avuga ati… Ntiyakekeranya namba ku Butumwa bwiwe ku buryo yavuze ati: "Aza ari hagati yanyu mw'aka kanya, ariko ntavyo muzi." Ari ng'aho hagati yanyu, ariko ntavyo muzi.

Umunsi umwe, igihe Yesu yegereza, Yohana yarunamuye amaso abona ico kimenyetso hejuru yiWe; aca avuga ati: "Ng'Uyu Umwagazi w'Intama w'Imana, ukuraho icaha c'abari mw'isi." Ako kanya nyene Yesu yaciye amenya ko yemejwe imbere y'abantu. NaWe yari Ijambo, mbega ivyo twobikekeranya? Bibiliya ivuga yuko yari Ijambo: "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi UWo Jambo yari Imana. Kandi UWo Jambo yambaye umubiri, abana natwe." Ng'UYo rero, i… Ng'UYO Jambo kw'isi. (Rabe ! Biratunganye !), Aje atumbere umuvugishwa, mu mazi.

32 Ni ukuri, Ijambo ryama riza iminsi yose ku muvugishwa waryo. Kubw'ivyo ntidushobora kwitega yuko riza ku banyatewolojiya. Ntidushobora kwitega yuko riza ku madini. Ritegerezwa kuzanana mu muhora w'Imana, uwo yatumenyesheje kuva kera, kandi ni muri ubwo buryo bumwe bwonyene rizoma rizamwo. Rizokwankwa, risuzugurwe, rishiburwe. Ni ryaza vy'ukuri, rizokwankwa, n'ibindi, ariko Imana izobikora ukwo biri kwose. Ryaranswe muri Yesu Kristo, ryaranswe muri Yohana, ryaranswe muri Yeremiye, ryaranswe hamwe na Mose. Ukwo nikwo vyamye bimeze. BAriko Imana ibandanya itera intambwe, biciye mu buryo yasezeranye kugira ngo ibikore. Egome mushingantahe, ntiyihera ihengeshanya kubikora ikoresheje ubwo buryo nyene.

33 Uyo muntu yabonye iyerekwa canke akumva Ijwi ryaYo ntiyigeze namba abimenya. Incuro nyinshi ntiyabimenye, kuko we ari igikoresho c'Imana gusa Ni ivy'iyiyumviro vy'Imana bishikirizwa n'iminwa y'umuntu; iciyumviro, koko, Ijambo riseruwe. Imana niYo yitoraniriza ubwaYo mu gutoranya kwa - kwaYo kwo kuva kera. Niko yabikoze muri buri gihe, yamye ishiraho umuntu muri buri gihe. Ni nka Mose, igihe yategerezwa gushitsa ivyo yabwiye Aburahamu. MMose yavutse aria kana keza, ntiyar'ashoboye kwibuza kuba ukwo. Yari yavutse ukwo kuko yari yavutse kubw'iyo ntego.

Kubw'ivyo rero turabona yuko Imana ivyo yama ibikora muri buri gihe. Imana igira ukwihitiramwo kwaYo bwite mu guhitamwo kwaYo bwite kwatoranijwe kuva kera, ihitamwo abavugishwa baYo n'ibindi kubw'igihe, ishiraho - ishiraho kamere yaYo, kamere k'umuntu, uburyo bwo kubuga Ubutumwa bw'umuntu ku…ku ngabire yiwe, kandi ivyo akora vyose, bigahangana n'ingorane z'ico gihe. Imana irarema uyo muntu ikamurungika. Kandi mu vyiyumviro vyaYo, nk'uko navyigishijeko mw'ijoro ry'ejo, twebwe turi akabuto ko mu bura bw'Imana. Yari izi yuko uwo muntu yobaye ng'aho muri ico gihe, imbere yuko habaho n'akazatsa canke umuco, canke ikindi ico ari co cose kw'isi.

34 Kuko muri ubura bwa so, kandi mukaba mwari muri so, ariko so ntiyari bwagiranire isangira hamwe kuko ya… wari muriwe, ariko ntavyo wamenye nawe nyene, ariko waragaragajwe kugira ngo ushobore… kugira ashobore kugiranira isangira nawe. Mu gihe nawe wavutse ubwa kabiri, uvuka kubw'Ubugingo Budashira, And that's the only one form of Eternal Life, and that's God's Life. ubwo nabwo bukaba ari Ubugingo bw'Imana Zowe, Ijambo ry'Ikigiriki ni Zowe, ubwoko bumwe gusa bw'Ubugingo Budashira.

Hanyuma rero nimba uri umuhungu w'Imana canke umukobwa w'Imana, wahoze uri mu Mana igihe cose. Ariko yari izi ituta n'igihe uzoterwamwo. Ubu rero mwaragizwe icaremwe, umuhungu w'Imana, umuhungu canke umukobwa w'Imana yagaragajwe ngo ahure n'ibibazo vya kino gihe ngo vyemeze Imana y'ukuri kandi nzima ya kino gihe, Ubutumwa buje muri kino gihe. Ukwo ni ukuri! Wariho hariya, uhereye imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho. Iyo bitaba… Iyo utaba waratoranijwe muri ubwo buryo, ntaco bimaze ukwo wogerageza kuvyigana kwose, ntuzigera ubishobora namba. HWokura gute amaraso mu nanka kandi ata maraso arimwo?

35 Nico gituma ngerageza kuvuga ku bijanye… Abantu bibaza ko twari…Turakarira abagore ku bijanye n'imishatsi migufi, abantu bariko barambarira ku bijanye no kuvuga ivyo bintu, “Uzokwonona igikorwa c'ibango cawe,” kwonona igikorwa c'ibango Imana ubwaYo yashizeho? Biragahera! Iyo rero abantu bumvise Ijambo ry'Imana… Iyo umwana asamwe mu mbanyi y'umuvyeyi, iyo ka kabuto kamwe gashitseyo, akandi gaca kiyubaka hejuru yako. S'agace kamwe k'umuntu, ngo agakurikira ngo kabe ak'imbwa, agakurikira k'akayabu, agakurikira nako k'ikindi kintu; ni muryo ntabanduka, mu buryo bugoroye, ikiremwamuntu. Iyo umuntu avukishijwe na Mpwemu w'Imana, nta na kimwe yinjiza mu bugingo bwiwe. Ijambo rityoroye ry'Imana ryemejwe kubw'ico gihe. Afata Ijambo ryuzuye ryose ry'Imana, nta za nemera ashiramwo, nta kindi na kimwe muri ryo. Riratyoroye mu buryo busukuye, Ijambo ry'Imana ryigaragaje hagati yacu.

36 Ni murabe muri Bibiliya, murabona aho, ni igihe ikihe tubayemwo none, igihe ubonye ibi bintu bihambaye biriko biriko biragaragazwa. Igihe Imana yasezeranye kubikora, yama ibikora. Ku mpera ya buri gihe iyo ishengero rishitse mu masanganzira rica rihindukizwa rigakurwa kw'Ijambo rigasubira mu vyaha n'ivy'isi… Ivy'isi ni icaha. Bibiliya yavuze ngo: “Nimwakunda isi n'ivyayo, Urukundo rw'Imana ntiruba ruri no muri mwebwe.”

Igihe nariko ndavuga ejo n'ijoro, nariko ndavuga ku kimazi catanzwe, wa Mwagazi w'Intama. Hǎtegerezwa kuba iminsi indwi, yerekana vya Bihe Ndwi vy'Ishengero. Ntihategerezwa kuba umwambiro uboneka mu bantu, ntihategerezwa kuba umwambiro mu kiringo c'iminsi indwi. Ivyo bisobanura yuko ata na kimwe rivangangwa, ntiryambiye igihe cose. Nta za nemera rero dukeneye, imyambiro n'ibindi tuvanganya. Ntidushaka kwivanga n'isi. Utegerezwa kuba umutsima utambiwe w'Imana, Ijambo ry'Imana, Ijambo ry'Imana ritanduye, iryo, “umuntu azobeshwaho n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana.”

37 Imikorere y'amadini yacu, n'ibidutandukanya n'ibindi, vyadushizemwo umwambiro, n'ibi na biriya, n'isi n'imideri, kandi, ôo, vyashitse y'aho ari Hollywood ahantu hose. Mu mperuka bizoshika y'aho biba nka hariya mu Bwongereza, umuhamagaro wo ku gicaniro uzogirirwa isoni. Bagenzi! Nk'uko mwene Data yabivuze: “Woshikana ifi gute mu bwato?” Ukwo ni ukuri.

Bidusaba kuvuga Ubutumwa mu kunengesera kwabwo, n'inkomezi z'Imana ngo zivyemeze bijanye n'isezerano ry'ico gihe no kugaragaza ko vy'ukuri ivyo ari ubugombe bw'Imana. Hanze y'ico, uba uri umunywanyi w'ishengero gusa, ntaco bivuze uko ugerageza kwose, ugerageza gukorera Imana igikorwa. Urashobora kuja mu misi mikuru y'ukwinezereza, urashobora kuba uri umwizigirwa cane kw'ishengero; ariko kiretse nimba ka kagera k'Ubugingo Budashira karatoranijwe muri wewe, kuba umuhungu canke umukobwa w'Imana, uzokura uri ikintu c'ikiburirane, ariko utigera uba umuhungu canke umukobwa w'Imana nyawe, w'ukuri.

38 Ndakunze gutanga ya nkuru yanje nto y'umuswi w'inkona. Ingene wa murimyi yabundikirije inkoko, kandi yari afife… Ndizera ko bitumvikana nko kurogota kuri mwebwe. Ariko umurimyi yabuundikirije inkoko, akaba yari…abuze irigi rimwe kugira ngo abundikirize. Ndakekeranya ko hoba hari umuntu hano azi kubundikiriza amagi ico ari co, uko aba angana. Ariko uko biri kwose, yari abuze irigi rimwe, kugira ngo agire ayakwiye. Niho rero yaca yiba mu cari c'inkona yari ifise amagi abiri. Niho yashira iryo rigi musi y'inkoko.

Igihe iyo nkona yaberurwa hagatimur'iyo miswi y'inkoko yose, yari inyoni itwengeje. Ntiyashobora gutahura ukugogoza kw'iyo nkoko, ntiyanavuga nk'intuze yayo…nk'uko yashaka kuyumva ivuga. Yarasuragura hasi ku mbuga, ikarya ivyo itoye aho nyene hasi ku mbuga, izo ntizari imfungurwa zayo. Wari umuswi w'akabarore hagati yazo. Iyo nkoko yarahamagara ariko wo ntiwabitahura. Yaragenda aha ikarya *iki* ikarya na *kiriya,* wo ntiwabitahura. Niho rero umusi umwe mama wawo, canke nyina, kuri mwebwe. Nda... Hariya mu bumanuko tuvuga “Mami.”

Rero, uko biri kwose, we…nyina wa -wa -wayo yari izi ko ifise amagi abiri ariko rimwe gusa muri yo akaba ari ryo ryari ngaho, ica ija kurondera iryo rindi. Yarazungurutse hose…irazunguruka igihugu, vyatevye irateba iguruka ica hejuru ya ya mbuga. Ica irakabona hasi kariko karakurikira iyo nkoko ya kera. Ica irasemerera iti: “Junior! Nturi inkoko, uri inkona!” Ivyo vyumvikana kw'ari ukuri kuri yo. Kubera iki? Yari inkona uhereye mu ntango.

39 Kandi iyo umugabo canke umugore yabundikiriwe musi ya za nemera be n'idini rikonje, risanzwe, nimba yaragenewe kuba umwana w'Imana, hanyuma akabona Ijambo ry'Imana rivuzwe mu nkomezi zaryo, Imana Ikaryemeza, we ni inkona kuva ubwa mbere hoho, aca yiruka arigana ata nkeka neza nk'uko kabiri

kugwiza kabiri ari kane. Nta kundi ashobora kubigenza kuko kamere yiwe bwite ikunda Ijambo ry'Imana. Sinezwe n'ico uwundi uwo ari we wese avuga, iyo abonye Ijambo ry'Imana ririko riragaragazwa aca aguruka aritumbereye kuko yari umuswi w'inkona.

Nk'uko babandanya babivuga, yavuze iti: “Mama, ni gute nshobora kuguruka ngo mve hano?”

Hanyuma ica ivuga iti: “Nutaruke, ndagufata.”

Ico ni co kintu conyene ufise co gukora, ni ugutaruka rimwe gusa ugahagarara ku birenge vyawe, ugutaruka rimwe ku Mana; isezerano rimwe, “Mwami Yesu, ndaKwizeye n'umutima wanje wose. Ndizeye Ubutumwa bw'Igihe. Ndabubona bwemezwa, kandi ndazi ko ari ukuri.” Taruka uhagarare ku birenge vyawe, Mama aragufata. Ntugire ingorane, uri inkona, azoba ari ng'aho nyene kugira ngo agufate.

40 Ubu rero, turazi yuko tubayeho mu gihe giteye ubwoba cane kandi ihihe gihambaye, ariko igihe ukuri kwa Bibiliya; abizera babonye bigaragazwa, ukugaragazwa kwako bwite ni ikimenyamenya ko Imana Iri muri kwo. Koko! Ni ico gihe Ijambo ryasezeranywe, iry'Imana Yasezeranye, rimenyekana. Urubuto rwamenetse, baraRubona kandi baraRwizeye. Abandi ntibashobora kurubona na mba, mu buryo kanaka, baricara bakaRwitegereza.

Murazi, naravuze Ubutumwa cane bihagije ku -ku…muri kino gihugu, ku buryo hatategerezwa kuba hakiri umugore afise imishatsi migufi mu gihugu. Ariko igihe cose, uko ngarutse nama nsanga biyongereye. Hari ingorane nyabaki? Hariho ikintu kitagenda neza! Murazi yuko Ijambo ribivuga! Muravuga muti: “Neza, ivyo nta na kimwe bihindura.” Biragihindura koko!

41 Hariho mwene Data umwe mwiza yavuze ati: “Ngomba kukurambikako ibiganza mwene Data Branham. Ndagukunda. Ariko uriko uronono igikorwa cawe.” Avuga ati: “Ivyo vyo kubwira abagore ivyo ntibikuraba.” Avuga ati: “Reka abungere babe ari bo babikora.”

Nca mvuga nti: “Ariko ntibababikora n'ubwo bir'uko.” Mvuga nti: “Ubu rero…”

Avuga ati: “Neza, ivyo we ntibikuraba, we sengera abarwaye gusa.”

Nca mvuga nti: “None biraba nde se? Jewe nahamagariwe kuvuga Ubutumwa Bwiza.”

Avuga ati: “Ngomba kukurambikako ibiganza kugira ngo nsabe Imana Ibigukuremwo.”

Nca mvuga nti: “Nimba nanje uza kundeka nkakurambikako ibiganza, nawe nyene.” Murabona? Nca mvuga nti: “Ndasenga kugira ngo Imana ikugururure amaso maze uzoca ubibona.” Kubw'ivyo uwo ni ukuri!

Yavuze ati: “Wategerezwa kuvuga Ubutumwa… Abantu bakwizeye nk'umukozi, umuvugishwa w'Imana.” Avuga ati: “Wategerezwa kwigisha abagore ingene bo - boronka ingabire zihambaye n'ubuvugishwa n'ibindi.”

Nca mvuga nti: “Ni gute ndi bushobore kwigisha ibiharuro bivanze n'indome mu gihe batazonizera ABC zabo, ubwa mbere? Murabona? Uko ni ukuri. Kubw'ivyo nti - ntiwoshobora kubikora. Ivyo biri muri buri… Ukwo ni ukuri. Nimba udashobora gukora ibintu bisanzwe, uzoshobora ute gukora ivya mpwemu? Ibintu bisanzwe. Ata nkeka! Mwene Data, mushikanje, birashobora kwumvikana nk'ugufyina, ariko ni Ubutumwa Bwiza! Ni - ni Ukuri kw'Ubutumwa Bwiza, uko ni ukuri!

42 Ni murabe, turabona uno musi yuko abantu… Hariho abantu benshi badashobora kuvyizera, ndetse n'abantu buzuye Mpwemu. Ngomba ndabahe ikintu kiza kubagora kumira. Umubatizo wa Mpwemu Yera ntusigura yuko muzokwinjira, haba na mba, si kubw'ico, ivyo ntaco bisana n'umushaha wanyu. Ni umubatizo, murabona. Ng'uyu umushaha w'imbere, *hano* imbere, utegerezwa kuzanana ku Mana. Ariko rero ku ruhande rwo hanze, hari inzira nyumviro zitanu, na zitanu zisoho…imiryango yinjira mu ntuze yawe…kugira ngo ugiriranire imigenderanire n'urusago rwawe rwo kw'isi. Imbere, murafise impwemu, kandi aho muri yo harimwo imiryango itanu isohoka: Agatimanama kanyu, n'urukundo, n'ibindi, imiryango isohoka itanu kur'iyo mpwemu. Ni mwibuke, mur'iyo Mpwemu murashobora kubatizwa n'umubatizo nyakuri wa Mpwemu w'Imana ariko n'ubwo biri uko ukazotakara. Umushaha niwo ari muzima, ni wo watoranijwe n'Imana.

Mbega Yesu ntiyavuze ati: “Benshi bazoza kuri jeWe kuri wa musi, bavuga bati, 'sinirukanye abadayimoni, ngakora ibihambaye, ibikorwa vy'ubushobozi, nkavugishwa, ingabire zihambaye z'Imana?”' Yavuze ati: “Ni mumvireho, mwa bakora ibizira mwe, sinigeze ndanabamenya.' Benshi bazoza kuri wa munsi.”

43 Mbega Kayafa we ntiyavugishijwe? Yari idayimoni. Ng'aho turabona… Na ba baherezi bose, ba bantu bahambaye, bafatwa nk'indongozi zihambaye mur'iyo misi, n'ukwicisha bugufi n'ibindi, ariko barananiwe kubona Ijambo ry'Imana ubwaRyo ryariko ririgaragaza imbere yabo.

Twari gushobora gufata umugwi wose wabo, nabanditse hano. Bimeze bite kuri Balamu? Yari u…

Muravuga muti: “Imana Irahindura iciyumviro caYo.” Ntabwo Ihindura iciyumviro caYo!

Igihe Balamu yasohoka nk'umuvugishwa akamanuka hariya, umwepisikopi, umuvugabutumwa, ico ushaka kumwita cose, yari umuntu ahambaye. Ariko igihe yasiguza Imana ku bijanye no kumanuka ngo aje hariya, avume Isirayeli, ubwa mbere hoho ntiyanabakunda. Rero yasaba ko yogenda, Imana Yavuze Iti: “Ntujeyo!”

Niho barungika umumenyekana, umugwi, bamwe kumbure mu bepisikopi canke abakurambere, canke ikintu nk'ico, hariya, bize birushirije, kugira ngo bamugondoze. Aca yongera kugenda asubira kubaza Imana. Ntimutegerezwa kwongera kubaza Imana ubugira kabiri! Iyo Imana Ibivuze ubwa mbere, ni ivyo nyene! Nta kindi utegerezwa kurindira.

Rebeka ntiyarindiriye ngo aronke itegeko rigira kabiri. Bamubajije, bavuga bati: “Uragenda?”

“Mureke yivugire.”

Aca avuga ati: “Ndagenda!” Yari ahumekewe cane n'Imana. Yahindutse umwe mu bamikazi ba Bibiliya kukuba yarakoze mu gusunikwa na Mpwemu w'Imana yagendagenda kuri we ngo yakire icari ukuri ntabanduka, kandi yarakwizeye.

44 Ubu rero turabona, Balamu, vy'ukuri, ntiyashobora kubona. Yarasohotse araba abo bantu, bavuga bati: “Ubu rero, hinge gato! Twebwe turi ihanga rikomeye, rinini hano, mwebwe muri akagwiu k'abantu basabagiye gusa.” Murabona? Kandi twese—twese twizeye Imana Imwe.“

Ukwo ni ukuri. Bose bizeye Imana Imwe. Bose basenga Yehova. Ni murabe ikimazi ca Balamu: Ibicaniro indwi, igitigiri c'Imana gitunganye ; ya mashengero ndwi, murabona ; amasuguru ndwi y'intama, yerekana ukuza kw'Umwami. Ku bijanye n'umushinge w'Ivyanditswe yari uwuri ku mushinge neza nk'uko Mose nawe yari ari ; ariko, murabona, nta kwemezwa n'Imana kwari kuriho. Hariya, bompi bari abavugishwa.

Ariko musi y'igikorwa ca Mose, hariho Inkingi y'Umuriro y'indengakamere, Umuco wari hejuru y'aho bashagaje. Hariho ugikiza indwara kw'Imana, hariho akamo k'Umwami aho bashagaje, ibimenyetso bihambaye, ugukizwa indwara n'Imana, n'utwumiza n'ibindi vyakorerwa hagati yabo. Cari ikimenyetso c'Imana Nzima hagati mu bantu baYo.

Mu buryo bw'umushinge, bose bari mu kuri. Niho Balamu yagerageza kwemeza abantu, aca arabaroga abibinjizamwo. Ryari? Neza na neza imbere gato yuko bashika mu gihugu c'isezerano. Mu wundi munsi canke ibiri, bari kuba bashitse mu gihugu c'isezerano.

45 Yamara ubu ndatinya… Iki ni ikintu kigoye kuvuga, umwe mur'ino minsi nzohava ndaswa ndakizira. Ariko mwibuke ibi, yuko, amashengero ariko ararogwa n'ubu Bumwe Mpuzamashengero, buriko burabinjiza ubudakebuka muri ivyo, bavuga bati: “Muri umugwi umwe.” Oyaye ntituri umugwi umwe! Ni musohoke muve mur'ivyo bintu, mwitandukanye! Nta nkaka koko, ni ukuri. Dutegerezwa kuja kure y'ivyo bintu, kuja kure yavyo hashoboka.

Balamu yavuze ati: “Turi…nitureke abana bacu babirane kubera, n'ubundi, twizeye Imana Imwe.”

“Abantu babiri bojana bate batasezeranye?” Wojana n'Imana ute utasezeranye n'Ijambo ryayo? Ni gute wokwongerako za nemeye n'ibindi kuri Ryo, mu gihe watoranirijwe kutabikora canke nako wategetswe kutabikora? Ntushobora kubikora. Nta buryo bwo kubikora buriho, mwene Data, mushikanje. Ntushobora kuvanga uwo mwambiro n'ikitambiye. Amavuta n'amazi ntibivangana. Umwijima n'umuco ntibivangana. Umuco urakomeye cane, uca wirukana umwijima ubwo nyene.

46 Ni uko rero ntidushobora kubivanga. Ni nk'uko udashobora kuvanga icaha n'isi hamwe. Ntushobora kuvanga Ishengero n'idini. Ntushobora kuvanga Ishengero na nemera. Ntushobora kuvanga isi n'Ubutumwa Bwiza. Ntibizovangana! “Ni muve muri bo, mube abitandukanije,” niko Imana Igize, “Nzobakira. Muzoba abahungu n'abakobwa banje nanje nzobabera Imana.” Ntidushobora kubikora na mba gushika ibintu bigaragaye, Ijambo ry'Imana ry'igihe rikemezwa ko ari Ukuri. Ni mukurikire amakanda.

47 Pentekote, ng'ico igituma Luther yatakaje ubutumwa bwiwe. Uko niko Wesley yatakaje ubutumwa bwiwe. Murabona, iyo ishengero rya Wesley riza kuba ryarabandanije, bari kuba Abapentekote. Iyo Abaluteri babandanya, bari kuba Abametodiste. Murabona? Ubu naho, hamwe Abapentekote bobandanya, bazoba Umugeni. Ni mwasubira inyuma mukabandanya musubira inyuma mw'isi nk'uko muriko muragenda ubu, muzotakara! Kizoba igishishwa gusa, n'ikironge, bizobwirizwa guturirwa. Ivyo turabizi. Azokoraniriza ingano ziWe mu kigega. Ariko umuguruka azowuturirira mu muriro utazima, naho wabaye igitwazi… Nta nkeka ko warutwaye. Ariko bwa Bugingo bwaciye buwuvamwo kuva gusa aho uhindukiye ibabi, bwarawusohotsemwo burabandanya kugira ngo buje gukora ikindi kintu, kugeza n'aho bushika ku rugero rwabwo rwuzuye.

Ukwo niko Ishengero rizoca mu gutsindanishirizwa, ukwezwa, umubatizo wa Mpwemu Yera

(Ukugarukanwa kw'ingabire), ritere rshika ku mero y'ishusho ya Kristo. Kristo niwe Mukwe, Ishengero naryo ni Umugeni, Umugeni nawe ni igice c'Umukwe. Rizotegerezwa kuba Ishengero-Jambo, atari ishengero-dini. Rizotegerezwa kuba Ishengero-Jambo, Ijambo ryimenyekanishije, kandi, hamwe n'Ijambo ryemejwe ry'Imana.

48 Balamu, ntiyashobora kubona itandukaniro. Benshi ntibashobora kuribona.

Farawo ntiyashobora kuribona n'ubwo ryagaragajwe neza imbere yiwe.

Datani ntiyari ashoboye kubibona. Datani yarasohotse aza ng'aho, abona Mose maze aramenya. Yarasohotse aja hariya avuga ati: “Ukriko ugerageza kwibaza ko ari we wenyene mw'uyu mugwi wose. Erega ikoraniro ryose ni iryera!” Imana Ntiyigeze Ikora gurtyo. Yategerezwa kuba azi ibirengeye ivyo. Niho yavuga ati: “Egome, ikoraniro ryose ni iryera. Ugerageza kwigira…” Hamwe twobivuga uno musi, mu mvugo yo mw'ibarabara, kwigira “ibuye ryumujabu ryonyene riri kw'isesero ry'ikiyaga.”

Kandi yari azi yuko Imana Yari Yamurungitse hariya kubw'ico. Yivugiye gusa ati: “Uhoraho we…” araheza agwa mu—muryango wa rya hema.

Imana nayo Yavuze Iti: “Ni mwitandukanye na we.” Ica Iraheza Irabamira.

49 Kandi nimwibuke, icaha Isirayeli yakoze (biciye kuri Balamu mu kuvuga ngo “Bose ni bamwe”); ico caha Isirayeli ntiyigeze igiharirwa. Kandi nimurabe, reka ndabahe igiharuro gitangaje cane, mu miriyoni zibiri zavuye muri Egiputa, babiri muri zo nibo bagiye mu gihugu c'isezerano. Umwe wese muri bo yasangiye vya vyo kurya nyene, bose baratamvye muri Mpwemu, bari basangiye vyose, ariko igihe co gutandukana kimaze gushika, Ijambo niryo ryatandukanije. Niko bimeze na kino gihe! Ijambo niryo ryatandukanije! Aho igihe cashika, yavuze ati: “Kuki, hano, turi…”

Biregeranye cane, nimurabe, Bibiliya yavuze ko: “Mu minsi y'iherezo izo mpwemu zibiri,” Matayo 24:24, “Zobaye zegeranye cane, ku buryo vyozimije n'abatoranijwe iyaba vyoshoboka.” Ico gishishwa gisa neza na neza n'urutete rw'urugano, ariko si urutete rw'urugano. Murabona? Si urutete rw'ingano, ariko gisa neza na neza na rwo. Murabona? Biregeranye cane, ku buryo vyozimije n'Abatoranijwe. Mwaragize idini maze mugwa mw'iryo dini, muruma hanyuma murapfa, urutete rw'ingano narwo rubandanya rugenda ruca mu… Murabona? Uko ni ukuri kwuzuye! Co ni igitwazi ariko si urutete rw'urugano.

Ni mwibuke, urwo rugano rukomeza kubandanya. Izo nkomezi zose z'urugano zizoduga ubutarariye zinjire mur'urwo rutete rw'ingano, mugihe ruzogira umutwe, kugira ngo ruseruke muri rya zuka rihambaye.

Ntibigeze baharirwa!

50 Reka duhagarare hano gato gusa. Ndizera ko ntariko ndabanigura. Ariko, nimurabe, reka ndababaze ikintu kimwe. Reka dufate ico. Tuvuge nk'akarorero yuko iki giharuro coba ari co. Iyo imbuto zivuye mu kigabo no mu kigore zije, nimba warigeze kumenya twa turingoti bashiramwo ibipimo canke—canke ivyo kuvanga imbuto n'ibindi ku nka, uzobona yuko ugusohora kw'ikigabo, gutanga hafi umuliyoni w'imbuto. Ugusohora kw'ikigore nakwo kugatanga hafi umuliyoni w'amagi. Ariko mwari muzi yuko haba harimwo rimwe gusa rihishiye? Utwo tunyana duto, canke ico ari co cose, mw'izo miriyoni z'imbuto, umuriyoni w'imbuto, hazobaho ako kabuto gato kazokwicira inzira hagati mw'izo zindi mbuto zose, gace hejuru yazo, maze kagende karondere iryo rigi rihishiye gace kinjira muri ryo, izindi zisigaye zose zica zipfa. Rumwe muri zo nirwo ruba rwaratoranirijwe ubugingo, izindi ntiziba zarabutoranirijwe, n'ubwo zose zimeze co kimwe. Rumwe mu muriyoni!

Ni gute hamwe vyoba biri uko kur'uno mugoroba? Hari imiriyoni amajana atanu, bafatwa yuko ari, ndibaza, Abakristo mw'isi, hafi ico gitigiri, ni igitigiri ngereranyo gusa. Hamwe rero Izamurwa ryoza kur'uno mugoroba, mubari bazima bogenda hobonekamwo abantu amajana atanu gusa. Neza, hariho abama baburwa irengero nk'abo nyene buri musi, hafi nk'abo, ku buryo batamenya irengero ryabo. Umugeni azojanwa, tuzotangara twibaza ivyo ari vyo, kandi abantu bazobandanya bavuga Ubutumwa, bavuga yuko bariko “bararonka iki, kirya, na kiriya,” nimurabe rero urwo ruhendo uko rwobaye. Tuvuge yuko vyogenda uko; simvuze yuko ariko biri, nta vyo nzi, nta bubasha mbifiseko. Imana ni Yo Mucamanza wavyo. Ariko nimurabe ukuntu vyoshobora kuba vyoroshe, twisunze ibitigiri vyose n'ibindi, ukugene bishobora kugaragazwa.

51 Kuber'iki ivyo Kora atabibonye? Kuber'iki Datani ivyo atabibonye?

Kubera iki Ahabu atabibonye? Igihe Ahabu… Igihe Yehoshafati yamanuka akaja kwa Ahabu, yavuze ati: “Ahabu, turi mu ngorane. Urazi yuko Imana ari Yo Yaduhaye kino gihugu? Yosuwa ni we yakigabanganije. Urazi yuko kirya gice c'ubutaka aha haruguru Abasiriya bigaruriye, mbega ico si ubutaka bwacu?”

“Egome.”

"Abana bacu barashonje, Abasiriya nabo (abansi bacu) bariko bagaburira abana babo, buzuza inda zabo n'ingano zategerezwa kuba izacu." Wisunze Ivyanditswe uko ni ukuri. Avuga ati: "Mbega uzomfasha kuduga hariya ngo ndahafate?"

Murazi rimwe na rimwe umuntu mwiza birashika akarekura mu gihe ari musi y'akosho k'ikibi. Vyobabera vyiza kugaba, ewe shengero, mugabe cane.

52 Rero, ikintu ca mbere murazi Yehoshafati, nk'umuntu ahambaye mu vyo gusenga, yavuze ati: "Egome, yurashobora kuduga, nta nkeka, imikogote yacu, twese turi abantu bamwe." Yamara ntibari abantu bamwe! Ekaye! Yavuze ati: "Erega, imikogote yacu ni iyanyu, abantu bacu ni abanyu. Nta nkeka, tuzogenda." Avuga ati: "Ariko reka tubanze dusiguze Uhoraho ubwa mbere."

Niho rero yavuga ati: "Oo… (Ahabu)…egome, nta nkeka ivyo twategerezwa kuba twavyiyumviriye. Egome, tuzo…"

"Mbega hari Umuvugishwa w'Uhoraho ahari?"

Avuga ati: "Ndafise iseminari yuzuye bo gusa. Ndafise amajana ane hano hepfo, b'intoranywa mu bandi bose babaho. Bose barafise indangabumenyi zo ku rwego rwo hejuru, indangabumenyi mu vy'amategeko n'ibindi vyose bijana na yo. Umwe wese muri bo…" Ubu rero nimwibuke, bari abavugishwa b'Abaheburayo, bava mw'ishure ry'abavugishwa.

Avuga ati: "Ni mubazane, reka tubumvirize."

53 Hanyuma ndibaza yari Zedekiya, wa mukuru ahambaye (umwepisikopi) wa bose, yaje ng'aho, kandi yari afise ihumekerwa. Yari afise ihumekerwa, koko. Niho yaza ng'aho yikoreshereza amahembe abiri manini manini. Avuga ati: "Murazi, UKU NIKO UHORAHO AGIZE: 'Mugiye gufata aya mahembe muyasunikishe Abasiriya bave mu gihugu.'"

Neza, n'abo bandi bose baravugishijwe, "Uko ni ukuri koko!" Bose hamwe, seminari yose, bahurije hamwe. Murabona?

Niho Ahabu yavuga ati: "Wabonye?"

Yehoshafati, mu buryo kanaka yari uwa mpwemu, murazi, ntiyari yarumye rwose, aca avuga ati: "Ariko mbega nta wundi ahari ahantu kanaka, twoshobora gusiguza?"

Ugomba gusiguza abandi iki, mu gihe ihuriro mpuzamashengero (inama nkuru yose), ivuga ko 'bimeze neza?'" (Murantunga, murabona.) "Ico kintu cose cavuze giti; 'Ico nico twategerezwa gukora.'" Murabona? Ico ni co twaregerezwa gukora.

Avuga ati: "Mbega nta wundi ahari ahantu kanaka?" Umwe w'akabarore, murazi.

Aca avuga ati: "Egome, arahari. Ariho umwe, ni Mikaya mwene Imula, ariko ndamwanka." Niko vyama bimeze. "Ndamwanka kuko yama ariko arifatira mu gahanga abantu bacu, akamvuma, akama avuga ibibi vyose kuri jewe. Uwo mugabo ndamwanka!"

Avuga ati: "Ah, sigaho umwami yoye kuvuga artyo," Avuga ati: "Ni mugende mumuzane."

54 Niho rero baca bagenda hariya kwa mwene Imula, bamwe mu be—bepisikopi, canke, bamwe mu bakurambere, baca baja hariya, bavuga bati, "Ubu rero, niwumvirize, uragomba kwongera kugaruka mw'idini? Uvuge co kimwe n'ivyo bavuze; baca bagusubizamwo."

Ariko vyarashitse yuko Imana Yari Ifise umuntu uwo batari gushobora gushirako ukuboko; Amaboko y'Imana yari kuri we. Yari icirore c'ukuri kw'Imana. Avuga ati: "Nta nkeka," avuga ati: "Ndamanuka, ariko nza kuvuga ico Imana Iri bushire mu kanwa kanje gusa" Ng'uyo umuntu w'Imana. Yavuze ati: "Nimumpe iri joro." Niho ijoro ryashika, Imana Ivugana n'uyo muvugishwa, umuntu ataco amaze. Hanyuma rero, bukeye nguyo araje.

Avuga ati: "Bimeze gute, Imula?"

Avuga ati: "Nimuduge," avuga ati: "Ariko nabonye Abisirayeli basabagiye nk'intama ku musozi, zitagira umwungere."

Aca avuga ati: "Nakubwiye ngw'iki! Nari nabikubwiye kw'iki!" Maze avuga ati…

55 Niho wa mwepisikopi mukuru yaca aza amukubita urushi ku munwa, avuga ati: "Mpwemu w'Imana Yaciye hehe? Kuko nzi yuko mfise Mpwemu ; naratamvye muri We, narakoze ibi bintu vyose. Murabona, nda—ndafise Mpwemu kuri jewe. None yaciye hehe?"

Ubu rero, nimurabe, Imula we nk'umuhungu w'Imana, canke umuvugishwa w'ukuri w'Imana, yasuzumye iyerekwa ryiwe akoresheje Ijambo. Iyo ritaza kuba rihuye n'Ijambo, ntiryari kuba ari ryo.

Murabona? Ijambo kubw'ico gihe, murabona. Rero, yavuze ko hisunzwe Ivyanditswe, ico gihugu carabegukira, ico gihugu cari icabo. Ku bijanye n'Ivyanditswe, vyose vyasa n'ibimeze neza uretse ikintu kimwe.

Ni mwibuke, Ijambo rimwe niryo ryatumye haza izi ngorane zose, Eva yaretse kwizera Ijambo rimwe ry'Imana; mu ntango za Bibiliya, Ijambo rimwe niryo ryateye ingorane. Yesu, Yaje hagati muri Bibiliya, Avuga ati: "Umuntu azotungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." Mu mpera za Bibiliya, Yavuze ati: "Uwuzokurako n'ijambo na rimwe canke akongerako n'ijambo na rimwe."

56 Si igice c'Ubutumwa Bwiza… Abametodiste bafise igice, Ababatiste, Peresipiteriyano, n'abandi, bafise igice caRyo, Abakatolika bafise igice caRyo, Ivyabona vya Yehova, n'abandi bose basigaye.

Ariko ni Ijambo ry'umurava, Ijambo ryose, Ijambo ry'igihe, nico gikwiye. Kandi ntituzigera tubikora gushitsa Imana Isize amavuta umuvugishwa ashobora guhaguruka akaRivuga, akaRyemera, akaRigaragaza yuko ari iry'Ukuri. Rizoca hagati mu bantu, ntibazokwigera baRimenya, neza na neza nk'uko vyamye.

Mwebwe Bakatolika, kumwe kwa Jeanne d'Arc, mwamutuririye ku ngiga mumwagiriza ngo ni umurozi, mu nyuma muzura imibiri y'abo baherezi, imyaka amajana abiri inyuma y'aho, muyita mu ruzi. Ntimwamenye umweranda Patrick n'abandi.

Bizokwongera kubaca mu myanya y'intoke, umwanya n'umwanya. Imana izobikora, kandi ntimuzigera mumenya ko vyakozwe. Murabona, We Aza mw'ibanga Agafata Umugeni wiWe Akamudugana ubwo nyene, Akamusahura, Amukuye hagati mu bantu.

57 Turabona yuko, uyu Mikaya muto yavuze ko yasuzumye, aramenya yuko Imana Yari Yaravuze, biciye mu muvugishwa w'ukuri yamwitangiye imbere. Uwo muvugishwa yamwitangiye imbere, yari yavuze iki? Yavuze artya, yavuze ati: "Ahabu, kubera yuko washeshe amaraso y'umugororotsi, canke amaraso y'umugororotsi Naboti, imbwa nazo zizorigata amaraso yawe, hamwe na Yezebeli." Kandi ivyo neza na neza, vyategerezwa gushika kuko Imana Yari Yabivuze. Ni gute uwo muvugishwa yari kuvugishwa ivyiza mu gihe yari yavuzweko ibibi?

Ni gute noshobora kubwira kino Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya ivyiza mu gihe Imana Yakivuzeko ibibi? Muri amenya, abatindi! Kuko uvuga uti, "Ndatunze, mfise intuze nziza cane… Ndafise amashengero nk'Abametodiste, n'Ababatiste, n'Abaperesipiteriyano. Ndafise *ibi, birya, n'ibindi* vyiza cane, hamwe na *birya."* Ukwo ni ukuri, ariko ntuzi yuko ugenda amenya, uri impumyi, umworo, ku kintu nyaco Imana Iriko Iragaragaza. Bizobacamwo hagati, nk'uko, bitera vyisohokera. Murabona? Ni mwizere, bantu, imbere yuko igihe kibarengana cane.

58 Turabona rero yuko yaciye amukubita urushi ku munwa, avuga ati: "Mpwemu w'Imana yaciye hehe… ?"

Mikaya aca avuga ati: "Nabonye Imana Yicaye ku Ntebe yaYo y'Ubwami. Kandi bose... Yahamagaye intumwa zo mw'Ijuru Ivuga Iti: "Ninde tworonka yoshobora kumanuka kugira ngo ahende Ahabu?" Avuga ati: "Niho haca haza impwemu imwe y'ibinyoma igwa yubamye imbere y'Imana, inyabinyoma." Kandi nimwibuke, iyo mpwemu y'ibinyoma yaciye yinjira mur'abo bavugishwa, bari gutegerezwa kumenya ubwo yuko impwemu yari kuri bo itari ihuje n'Ijambo. Ariko bari batwawe cane n'ibishika, kuko bari abavugishwa b'umwami, kuko vyose vyagenda neza kuri bo.

59 Kandi ico nico ishengero ryakoze kino gihe. Mwaragiye kure ya bimwe mwahora mucishwamwo vyo mu buryo bwa kera mwari mufise mu myaka iheze igihe mwahora muhagarara ku nkengera z'ibarabara muvuga Ubutumwa Bwiza. Mu gihe mwari mwarasohotse muva mur'ayo madini, mukiyita ubwanyu "abantu bidegemvya." (Na mba!) kuko mwongeye kwibohanya na yo kandi, nk'uko ingurube kwivayanga mu vyondo vyayo canke imbwa isubira ku vyo yadashwe. Nimba vyaratumye idashwa ubwa mbere, bizokwongera n'ubundi kuyidaha. Ukwo ni ukuri! Imana Yarabadashwe Ibakura mu kanwa kaYo, Yavuze Iti: "Uri akazuyazi, ntukonje kandi ntubize," murakora ibikorane bike, hanyuma mugatamba gato, umuziki, no—no kuririmba gato, mu gihe, ari vy'ukuri…Bisa n'ivyabaye urukozasoni ku vya Rukristo.

Umuhungwanje yarampamagaye ejo bundi ngo ndabe imboneshakure, ko ahategerezwa kubera amahiganwa yo kuririmba aho abantu baza. Uwo mugwi w'utwo dusoresore wari uhagaze ngaho, bizunguriza ben'uku nka za ntambo za Rock-and-roll, baririmba izo ndirimbo, ivyo biteza isoni Yesu Kristo! Nta nyifato nyeranda ikibaho na mba mw'ishengero. Womenga vyose vyarahindutse ikintu c'intambo za Rock-and-roll, n'ibirori vy'ibigezweho, aho kuba Ishengero ry'Imana Nzima Aho Yesu Kristo Ashobora kwigaragaza ubwiWe mu nkomezi. Kuri jewe bisa n'uko hariho ikintu kitagenda neza ahantu kanaka. Bariko baranyerera. Kandi Bibiliya yaravuze yuko vyobaye ukwo nyene. Murabona? Ni murabe aho muri. Ni mugabe, mwikangure imbere yuko igihe kibarengana.

60 Rero turabona yuko, Yavuze Iti: "Ninde tworonka ngo agende hariya ahende Ahabu, kugira ngo amwoshe agende hariya ngo amajambo y'uwo muvugishwa ashike?" Murabona, iyo umuvugishwa yavuze

Ijambo, ijuru n'isi bizokurwaho ariko Ryo ntiRishobora kunanirwa. Ritegerezwa gushika. Rero ni uko biri, vyategerezwa gushika.

Yavuze ati: "Ni mushire uru rugabo mw'ibohero ry'imbere, murugaburire ivyo kurya vy'intica ntikize, muruhe n'amazi y'intica ntikize. Ni natabaruka amahoro, nzoheza niteho ivyarwo."

Niho Mikaya yahagarara ngaho ashikamye, azi yuko yari afise Mpwemu w'Imana. Ubuvugishwa bwiwe, amayerekwa yiwe vyari ivy'ukuri. Ubutumwa bwiwe bwari ukuri, kuko bwari "UKU NIKO UHORAHO AGIZE ivuye mw'iyerekwa, UKU NIKO UHORAHO AGIZE ivuye mw'Ijambo. Bwategerezwa kuba ukuri, yari NIKO UHORAHO AGIZE!" Yavuze ati: "Ukaramuka ugarutse na mba, Imana Izoba Itavuganye nanje." Kandi murazi uko vyagenze, nta nkeka. Murabona, mwebwe…

Tahura, mwene Data. Umviriza.

61 Koko, Kayafa, ntiyari ashoboye kibibona. Kubera iki ataravye ku…? Yari u—yari umwepisikopi, yari umupapa w'amashengero yose ateraniye hamwe. Kubera iki uwo mugabo atari ashoboye kubona Yesu Ahagaze ng'asho? Kubera iki atari ashoboye gutahura? Mu gihe bariko bararirimba Zaburi ya 23, Zaburi ya 22, nako, mw'ishengero, ngo: "Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikuMpebesheje?" Na We ng'uriya Abambwe ku musaraba. Vya Vyanditswe nyene, ya Mana nyene bariko barasenga, bariko baraYicira urubanza bongera baYica "nk'Umunyakaguma." Ng'ivyo.

Vyobababaza hamwe wobabwira yuko ivyo biri hafi kongera kuba. Bibiliya yavuze yuko Ari hanze Agerageza Agerageza kudodora ngo Yinjire, ariko nta n'umwe ashaka kuMwugururira, "uwo nkunda ndamuramagura nkamukangira, ndamukankamira, ndamunyiganza, ariko ni ukubera ndamukunda. Ugurura ninjire." Egome. Ntiyari ashoboye… "Mwibuke, sinashatse kwinjira mw'ishengero; ni we, umuntu ku giti ciwe." Ntiyari gushobora kwinjira mw'Ishengero, bari baMwugaraniye hanze. Intuze gusa…idini rimwe gusa muri yose, ni kino gihe c'ishengero, aho Yari hanze y'ishengero. Yarasohowe hanze! Yaranswe! Yarashibuwe! Kubera… We yagaragajwe mu gihe gito mu yandi mashengero, mw'ishusho yo gutsindanishirizwa, n'ibindi; ariko ng'aha, iki gihe kiriko kiraza ubu, ni ukugaragazwa kwuzuye kw'ukwemezwa ka Yesu Kristo wa wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose. Ôo, ndemera yuko dufise abiganyi benshi, ariko nimurabe kiriya ca mbere, ic'inkomoko.

62 Mose yamanukanye amabwirizwa y'Imana, kubohora Isirayeli; amaze kubikora akora ibitangaza bike. Abiganyi baciye bamukurikira. Iyo baza kuba ari bo batanguye, Mose ni we yari guca aba umwiganyi. Murabona, yari afise Ijambo ry'Uhoraho, kandi Uhoraho Yaremeje; we yigumiye atekanye gusa.

Kandi, murazi ko ico kintu nyene casezeranywe mu misi y'iherezo? "Nk'uko Yane na Yambure barwanije Mose, niko n'aba bononekaye ubwenge ku bijanye n'ukuri." Iyo idini rigumije i… rifashe umuntu rikamwinjiza mur'iryo dini, vyerekana yuko ritavuye ku Mana; kuko Imana Ikora ivyo bintu kugira ngo Ikwegere ivyiyumviro vy'abantu, maze ubutumwa bugaca bukurikirako. Bitameze uko, aho rero ntiba ari Imana. Si Imana! Kuko Imana Yama na ntaryo Ibikora.

Yuda ntiyari ashoboye kubitahura. Yagendanye neza hamwe na We ariko ntiyaBibonye.

63 Ariko umuntu nyawe, yatoranijwe n'Imana, ka kabuto nyako, ka kagera k'ubugingo nyako, umushaha w'Imana wari mu Mana imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho, mwibuke, mwebwe vy'ukuri mufise Mpwemu w'Imana muri mwebwe kur'uno mugoroba, mwari hano muri Kristo kuko Yari ukunengesera kw'Ijambo. Yari ukunengesera kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri. Imana Yari muri Kristo, Yiyuzuza n'abantu. Mbega ivyo mwaravyizera? Ni murabe, Yari muri Kristo. Rero nimba wari mu Mana, akabuto, ijambo, ikiyigize kuva mu ntango, kubw'ivyo rero waragendanye na Yo hano kw'isi, waravuganye na Yo kw'isi, warababazanywe na Yo kw'isi, wapfanye naYo i Gologota, kandi wongeye kuzukana na Yo; ubu naho wicaye mu birere vyo mw'Ijuru muri Kristo Yesu, mugirana isangira hamwe na We (Ijambo mu gihe rigaburira umushaha wawe yuko: "umuntu azobeshwaho n'Ijambo ryose riva."

Atari Ijambo rya Metodiste, ijambo rya Batiste, mwibuke, hagize igisigara kuri ca kimazi, gitegerezwa guturirwa imbere yuko buca kuko ejo ari ikindi gihe c'Ishengero. Mbega ukwo ni ukuri? Kuvayo, ni ukuri. Ikigereranyo, igitutu ca ca Kimazi.

64 Umuryângo. Avuga ati: "Nzogira ikibanza kimwe. Ntimu… Ntimuzonsengera mu muryango uwo ari wo wose nabahaye, ariko hariho umuryango umwe, kandi mur'uwo muryango niho nzoshira izina ryanje." Kandi aho Umwami ashize Izina ryiWe, aho niho Imana Izokwakirira ikimazi cawe. Twarigiriye ubwoko bwose bw'imiryango, ariko Imana Yarashizeho umuryango Umwe. Imana Yarashizeho Umuryango, kandi uwo muryango wari… Yohana mweranda igice ca 10, Yesu yavuze yti: "Ni Jewe Rembo."

Imana Yashize Izina ryaYo muri Yesu. Mbega ivyo muravyizeye? We Yari Umwana w'Imana. Buri mwana wese aza mw'Izina rya se. Yavuze ati: "Naje mw'Izina rya Data, ariko ntimwanyakiriye." Naje mw'Izina rya Data, wewe uza mw'izina rya so. Yesu yaje mw'Izina rya Se, kubw'ivyo Izina rya Se ni Yesu; neza na neza, kuko Yaje mw'Izina rya Se.

“Ariko ntimwanyakiriye. Ni haza uwundi, we muzomwakira.” Muzofata amadini yanyu hanyuma mwibandanirize hamwe nayo. Ni mubandanye, Bibiliya yavuze iti: “Bahagurukijwe kugira ngo hashitse aha hantu. Impumyi, bagenda amenya, ariko batabizi.” Ishengero, idini, ôo, bubaha Imana cane, nk'uko nyene gusa na Kayini yari ameze; yatanze ikimazi, agakora vyose neza nyene nk'uko Abeli nawe yabikoze. Ariko biciye ku guhishurirwa yarahishuriwe ico iyo sakaramentu yari iri, atari ivyamwa vyo mu ndimiro canke ikintu kanaka ukoresha amaboko yawe.

Uwizera arashobora kubona Ijambo ryagizwe umubiri, abandi ntibashobora kubikora.

65 Abisirayeli bose, bamaze kubona Mose akora ivyo no kubazana gushika kuri ya Nama Nkuru, aho yategerezwa kubera, umwe wese muri bo yavuze ati: “Tuzojana na Balamu, kuko twiyumvira ko Dogiteri Balamu ari mu kuri. Ni incabwenge, yarize cane, vyose, kubw'ivyo, ivyo turavyakira.”

Kandi Imana ntiYigeze Ibaharira, Yabahonereje aho nyene mu bugaragwa. Yesu na We Yavuze ubwiWe ati: “Ntibazigera baza habe na mba, nta numwe muri bo yarokotse.” Yesu yavuze…

Bavuze bati: “Ba sogokuru baririye manu mu bugararwa imyaka mirongwine.”

Aca avuga ati: “Ariko bose barapfuye, batandukanijwe n'Imana Ibihe Bidashira. Bose barapfuye.” Nta nkeka! Kuko bumvirije ubuzimire. Igihe Mose, uwemejwe n' Imana, n'umurongozi wo kubereka inzira ija mu gihugu c'isezerano, kandi bari baje neza gushika ngaho, ariko rero aho ntibagomvye kubandanya hamwe na we.

Rero abizera barashobora kuBibona, ariko abatizera ntibashobora kubona Ivyo vyemejwe.

66 Ni murabe ukuntu Kayifa yari uwubaha Imana. Ni murabe ingene abo baherezi bose bari abubaha Imana. Ariko Yesu Yarahindukiye, avuga ati: “Mwebwe muri aba so wa murwanizi, kandi mukora ibikorwa vyiwe.”

Ariko hariho abizera bake bari bicaye ng'aho. Mbega muribaza yuko abo bigishwa bari gushobora kuba batahuye igihe Yesu Yavuze ati: “Jewe na Data tur'umwe?” Ntibari bashoboye kubisobanura. Igihe Yavuga ati: “Mutariye umubiri w'Umwana w'Umuntu, ngo munywe amaraso yiwe, nta Bugingo mufise.” Mbega bari bashoboye kubisobanura? Oyaye. Ariko baravyizeye, kuko babonye Imana Igaragazwa kandi Yihaye Umubiri.

67 Yesu yavuze ati: “Nimba ntakora ibikorwa vya Data, ntimunyizere. Ariko nimba nkora ibikorwa vya Data, Ijambo ryavuze ko nokoze, rero mu… Nimba mudashobora kunyizera, nimwizere basi ibikorwa nkora, kugira ngo mubone gukizwa.” Murabona? Yesu yavuze ati: “Intama zanJe zirazi Iryi ryanje, zirazi Ijambo ryanje, ziraribona iyo rigaragajwe kubw'ico gihe.”

Emwe burya na Kayafa yari azi Ijambo. Ariko atari Ijambo *ry'ico* gihe. Yari afise Ijambo ry'ivyo Abafarisayo bari baramupomfyemwo, ariko atari Ijambo ryemejwe ry'Igihe.

“Zirazi Ijwi ryanJe, zirazi ikimenyetso canje, zirazi akumiza kanje.” Gute none ku…

Ôo, reka dusubire ku gisomwa cacu, kuko duhava dutakaza vyinshi vya kino Canditswe tutagisubiyeko, kuko ntegerezwa guheraheza mu minota mike iri imbere n'ubwo biri uko, kuko mu minota mike tuzoba dushitse isaha zine. Ndamukunda.

68 Bagenzi, mwebwe bantu mwazananye aho hagati y'imirongo y'intebe mugashira ishikanwa ryanyu harya mu kanya gaheze; bantu mwagaburiye abana banje, mukabambika impuzu; abantu mushira amahera yanyu (ayo mwaronse muyabiriye akuya) mw'isahani y'amashikanwa, murazi aho ayo aja? Afasha kunjana hakurya y'amazi ku bapagani ata kintu na kimwe barigera bumva ku bijanye n'Imana. Ico nico ndayakoresha, buri kuta ryose, Imana niyo mucamanza wanje. Ng'aba bamwe mu bantuze banje… Uyu mugabo yicaye ng'aha nyene ubu ajejwe u-ubutunzi bw'Ishengero ryanje. Ndaronka idorare ijana ku ndwi, nta bindi, ayasigaye aca aja gufasha mu bikorane vyo hakurya y'amazi aho bo badashobora kuza.

Amashengero ntagomba kunyakira. Ntibanshaka. Oyaye. Ukwo ni ukuri! Ubu banyita ngo, “We ni…” Bavuga ngo: “Ni umu 'Yesu gusa,' canke ni ikintu nk'ico, canke umugumutsi kanaka, umunyakaguma, n'ibindi vyose nk'ivyo, u-umu Yezebeli. Kandi ivyo nda-ndavyiteze, Umwami wanje naWe bamwise ”Yezebeli,“ kandi baMwise… atari umu Yezebeli, ariko umu ”Beyezebuli.“ Baramwise ayo mazina yose mabi. Nimba nyene inzu bamwise 'Beyezebuli.' Mbega abigishwa biWe bo bazobita ukungana gute?” Rero ivyo nta na kimwe bihindura.

Kandi mwebwe ubwanyu, mfashijwe n'Imana, muribaza ko nohagara hano, nk'indyarya ihambaye nkababwira ikintu kanaka…? Canke, mbega sinoca nitunganya n'ico kintu ubwo nyene, nimba nibaza ko kivuye ku Mana?

69 Ariko nimba ndabakunda nkaba nzi Ukuri ukwo ari kwo… Mbega muramaze kunyumva na rimwe mvuga ikintu na kimwe mw'Izina ry'Uhoraho kitashitse? Oyaye. Ndabajije uwo ari we wese. Ibihumbi vy'ibintu

vyavuzwe, vyose vyarashitse. Ni mwibuke ca gihe Samweli yahamagarwa, nibaza yuko vyari, aca avuga…? Isirayeli bagomba kwigira nk'ayandi mahanga asigaye. Ico nico mwebwe Bapentekote muriko muragerako. Muriko mushaka gukora nk'abandi bose basigaye. Mwebwe ntimusa na bo. Ni mugume kure yavyo. Amashengero manini manini n'ibintu binini binini vyiza vyiza, ôo mwene Data, ivyo ntubikore. Twigisha yuko ukuza kw'Umwami kwegereje cane, reka tuje ku rubuga hariya tubimenyeshe abapagani. Murabona, tugire ico dukoze kubw'ivyo.

70 Ariko, murabona, Samweli yavuze ati: "Mbega hari igihe na kimwe nigeze gutora amahera yanyu ayo ari yo yose kubwo kubaho kwanje?"

Baca bavuga bati: "Oyaye, Samweli, ivyo ntavyo wigeze ukora."

Avuga ati: "Hari ikintu nigeze ndababwira mw'Izina ry'Uhoraho kitashitse?"

"Ôo, ukwo ni ukuri, Samweli. Turizeye yuko uri umuvugishwa yarungitswe n'Imana. Egome, mushingantahe. Ivyo wavuze vyose, Samweli. Ariko n'ubwo biri uko turabikeneye." Murabona ivyaciye biba. Ôo, mwene Data, Ivyanditswe biguma vyisubiramwo ubwavyo aha n'aha hose mu Vyanditswe, kuko ari bwo buryo bw'Imana bwo kubikora ; murabona. Murabona, murageze mu bihe nk'ivyo.

Reka tuje ku gisomwa cacu twihuta. Ehe, mundabire ukuntu natwaye uyu mwanya wose, yamara nkaba ntaranatangura icigwa canje.

71 Biri ku mutima wanje! Ndabakunda! Ntimuhonane nab'isi! Nimba uri uw'isi uzopfana n'ab'isi. Nimba uri uw'Imana, uzojana na Yo mw'izuka. Kubw'ivyo hindure kameremere kanyu kur'uno mugoroba kave mu gukunda isi n'ivy'isi, n'izo zanemera n'ibindi, muheze muhange amaso I Kaluvaliyo kuri ca kimazi canyu; muMusange hariya kur'uwo mushinge, kuko ariho hantu honyene Azokwigera Ahurira nawe. We…

Abametodiste bavuga bati: "Ni mw'ishengero ryacu." Ababatiste bavuga, n'Abapentekote, n'aba, n'Abaperesipiteriyano, *n'aba.*

Ariko Yavuze ati: "Nzohurira nabo mu kibanza kimwe, Ikibanza Nashizemwo Izina ryanje." Aho ni muri Yesu Kristo. Aho niho Imana Yashize Izina ryaYo. Aho niho Hantu honyene Izohurira nawe; kandi ni Kristo, ni Ijambo, wa wundi nyene ejo hahise… Vyakuze bihera ku birenge, amatako, ubu naho bigeze ku mutwe, vyiteguriye kugenda, bigaragaza mu rugero rwuzuye Umugeni, nk'uwuri co kimwe n'Umukwe.

72 Ubu rero reka tuje ku cigwa cacu, twihuta cane, nko mu minota cumi, hanyuma turaca turangiza. Rero icigwa cacu, twese tugomba kukizirikanako. Hari hongeye kuba, nk'uko icigwa cacu kivyerekana, nka bimwe nyene vyama biba.

Imana Yarungitse umuvugishwa waYo nk'uko Ya… Ijambo ryari ryarasezeranywe muri Malaki 3, "Nzotuma integuza imbere y'amaso yanje, Kugira ngo yitangire imbere y'Ukuza kwiWe."

Ubu rero nimba mugomba kubihinyuza, kubisuzuma neza, Matayo, igice ca 11, haremeza ivyo nyene. Igihe abigishwa ba Yohana baza bakabona Yesu, bavuze bati: "Yohana ari mu mvuto." Bavuga bati: "Tuje kukubaza nimba We…"

Rya jisho ry'inkona rya Yehova ryari ryatwikiriwe. Yari mw'ibohero, yari yiteguriye gupfa; avuga ati: "Gende mumubaze."

Murabona, Yohana yavuze ati: "Ôo, urutaro rwiWe ruri mu kuboko kwiWe, Azokubura neza imbuga yiWe." Yiyumvira yuko ya Nganji y'Imyaka Igihumbi yari gutangura ico gihe, yibaza ko urutete rwari rwiteguye. Ariko twategerezwa gupfa hanyuma rukaba ikironge, rukongera kuduga hejuru kandi ngo rugire Umugeni nyakuri. Rero yavuze ati: "Azokwegeraniriza ingano ziWe mu kigega,kandi azoturira n'umuriro." Ni murabe iyo -iyo nteguza ya Kristo mw'ico gihe, ico yavuze ko cobaye. "Urutete…"

73 Kandi ndizera yuko mutariko murasinzira. Urutete ruri hano! Ruzokwegeranirizwa mu kigega. Yari uwo Mugeni, ico gice ciwe. Ariko yavuze ko ari ibiki bizoshikira ikironge? Kizoturirwa n'umuriro utazima. Ni murondere agakiza ubu bikibashobokera. Ni mube urutete, atari ikironge. Murabona? Ni muje mu Bugingo, atari ishusho ya kera yapfuye, nimwinjire mu bugingo bwa Kristo, Ijambo ryagaragajwe, i…ryagaragajwe riremezwa ko ari ukuri. Iki ni-iki ni igihe c'ishwabura, ca kimashini gishwabura kiriko kiraza. Vyokubera vyiza winjiye mu rutete, kuko umuguruka uzosigwa inyuma.

74 Ubu rero, turabona yuko vyashitse, Yesu… Kugira ngo mpeze ivyo nariko ndasubiramwo hano, aha muri Matayo 11. Yara…ntiyahaye Yohana… Avuga ati: "Ubu rindire, ngomba mpe Yohana igitabu c'ingene ategerezwa kwigenza, uwizera ari mw'ibohero." Oyaye! Yavuze ati: "Ni muhagarare ng'aho murabe ibishika. Muce musubira inyuma mwereke Yohana ibiriko biraba: ibimuga biratambuka, abapfuye barazuka, kandi Ubutumwa Bwiza burabwirwa aboro." Neza na neza nk'ivyo umuvugishwa yavuze ko vyoshitse "Kandi hahirwa uwo ivyanje bidatsitaza."

Niho abigishwa biwe baca batangura gukikamira hirya y'umusozi, aca arahindukira, avuga ati: "Mbega

mwagiye kuraba iki igihe mwaja kuraba Yohana? Mbega mwagiye kuraba umuntu yambaye impuzu z'igiciro, n'ibindi, amadebure ahinduriye inyuma, n'ivyo vyose, murazi?" Avuga ati: "Ivyo biri mu birimba vy'abami, barasomagura utwana bagahamba n'abapfuye, uyo ntazi ingene bafata inkota ifatwa n'amaboko yompi." Murabona? Avuga ati: "Mbega mwagiye kuraba iki? I-irenga rihungabanywa n'umuyaga wose?" (Ngw'ino Yohana, Yohana, nzoguha amahera menshi niwaza hano." "Neza, Imana Ishimwe, sinkiri Umumetodiste, nzoba Umupentekote, nzoba Umuperesipiteriyano, nzoba iki, na kiriya, ahari amahera menshi kurusha." Avuga ati: "Ntimwigeze muja kuraba irenga rihungabanywa n'umuyaga." Avuga ati: "Mbega none mwagiye kuraba iki hariya, Uvugishwa n'Imana?" Avuga ati: "Egome, mbere uwuruta uvugishwa n'Imana."

75 Yohana yari ahejeje guha Yesu icubahiro kitabereye na mba. Yohana yari ahejeje guha Yesu icubahiro kitabereye na mba. Yari azi ko vyategerezwa kugenda uko, yaramubajije inyuma yo kuba yaraMwerekanye akanabona na ca kimenyetso hejuru yiWe, avuga ati: "Uyu ni We Mesiya;" hanyuma araza yongera kubaza ati: "Mbega uri we, canke twitege uwundi?"

Ariko, ni mwihweze, Yesu kuko ivyo yari abizi, Yarahindukiye amuha icibahiro, avuga ati: "Mbega mwagiye kuraba iki, irenga rihungabanywa n'umuyaga?" Avuga ati: "Nta muntu n'umwe yabayeho mu bavyawe n'umugore aruta Yohana, gushika kur'uno munsi." Ukwo ni ukuri! Mbega ijambo ryiza rivuzwe kur'uwo muntu!

Ariko, murabona, vyari ivyo ng'aho, ubuvugishwa bwari bwashikijwe neza na neza imbere y'amaso yabo, n'ukuza kw'integuza, neza na neza ivyo Malaki yavuze. Aha rero, ni Malaki 3, atari Malaki 4.

Yohana umubatizi yari Malaki 3, Yesu niko yavuze. Igihe baMubaza, bavuga bati: " Ni kuki abanyabwenge b'Ivyanditswe bavuga…"

"Yaramaze kuza. Bakoze ivyo bavuze."

Ariko, mwibuke, Malaki 4, ubwo nyene inyuma y'umuvugishwa wa Malaki 4, ukuza kugira kane kwa Yohana Umubatizi mu…canke, u…kwa Eliya, ukuza kwa gatanu kuzoba Ivyahishuwe 2, vya vyabona, igihe azoba aje ku masigarira y'Abayuda. Ariko Imana Yakoresheje iyo mpwemu nyene, incuro zitanu: Ubuntu, Yesu [Mu Congereza: "Jesus." -Umus.], yamye ari Yesu igihe cose; ukwizera [Mu Congereza: "faith"], ubuntu [Mu Congereza: "grace."], n'ibindi. Murabona? Igitigiri gatanu ni gitigiri c'ubuntu kandi yaragikoresheje. Ntazoyikoresha gatatu gusa, ntazoyikoresha kabiri gusa, gatatu, kane. incuro zitanu ayikoresha.

76 Ubu rero, nimurabe mwihuta ubu, mu gihe turiko turasozera. Yavuze ati: "Uwo ni we yavuzwe, ngo 'Nzotuma Integuza yanje imbere y'amaso yanje."

Ariko muri Malaki 4, ubwo nyene *uwo* muvugishwa agiheza kuvugishwa, isi yose itegerezwa guca iturirwa, abagororotsi nabo bakandagire ku munyota w'abanyakibi. Murabona? Vy'ukuri! Murabona, ubwo ni ubuvugishwa bwa Malaki 4.

Kandi nimurabe muri Luka 17, aho yavuze ati: "Mu misi y'iherezo, bizomera nka Sodomu na Gomora kandi." Mbega ivyo turabifise? Twongeye kuronka Sodama na Gomora kandi? Amahanga yose, ni mubirabe. Ni murabe ibiheruka kuvugwa ku Bwongereza, vyose vyononekaye. N'ibifungurwa ubwavyo vyarononekaye. Kandi ni murabe gato ivyo ubushakashatsi…. Murabona mu kinyamakuru Reader's Digest, umengo hari mu kwezi guheze bavuze bati, "abahungu n'abakobwa bakiri bato basigaye bagera mu bigero hagati y'imyaka mirongo ibiri na mirongo ibiri n'itanu." Ndahurira na bo mu bikorane, abakobwa bakiri bato bamaze guca imvyaro, b'imyaka mirongo ibiri, mirongo ibiri n'ibiri, bamaze guca imvyaro. Vyoba biva kuki? Ukwononekara, kuvangatiranya. Ico nico cononye koko, ivyo vyose ni vyo vyononye umubiri. Nta kindi turi atari irundo rya -rya … neza na neza nk'igiterwa c'ikibadikano.

77 Mufashe igiterwa c'ikibadikano mukagishira ng'aho, udukoko twose duca tuza turiruka kuri co. Ariko igiterwa igiterwa nyakuri, co ku nkomoko, agakoko karagihunga, ntigashobora kugihagararako. Kandi iyo niyo ngorane ishengero rifise, twararigize imvange.

Iyo niyo yari ingorane ya ya farasi ya kera ya Pearry Green, hariya haruguru, yataye hasi wa musore ejo bundi, nta kindi iri kiretse ica kane c'ifarasi ya kera. Murabona? Ikintu kimwe gusa ni uko, yoyo… Ni nk'inyumbu, ni-ni…inyumbu ntizi se wayo uwo ari we canke nyina uwo ari we, nta na kimwe izi; ni igice c'inyumbu be n'igice c'ifarasi, ni igice c'iki n'indogobwa; ntizi ico i… Ntiwokwigera namba… Izorindira ubuzima bwayo bwose akaryo ko kugutera umugere. Ukwo ni ukuri! Urayihamagara, ukavuga uti: "Ngw'ino hano, muhungu." Come on, boy." Ica ishinga amatwi yayo, ica igira ngo: "Hoo! Hoo! Hoo! Murabona?

78 Nka bamwe mur'aba bavuga ngo: "Imisi y'ibitangaza yaraheze, Hoo!Hoo!Hoo!" Izo mvange zose zivugwa yuko ari abanywanyi b'ishengero n'Abakristo. Sindiko ndabivuga nko gutebura, ariko ni Ukuri. Ariko mwene data w'uruvyaro nyakuri rw'amaraso, arazi se wiwe uwo yari Ari, uwo nyina yari ari, sekuru uwo ari we, inakuru uwo yari, urashobora kugira ico umwigisha, ariyoroheje.

Kandi Umukristo wa nyawe yavyawe na Mpwemu Year akaba yuzuye ubushobozi bw'Imana, arazi se wiwe uwo ari we, nyina uwo ari we, sekuru uwo ari we, inakuru uwo yari, arazi ibijanye na vyo vyose. Urashobora kugira ico umwigisha.

Ariko ikivange, ivyo nivyo vyashikiye amashengero. Imvange hagati y'isi n'intunganyo z'ikidini, bagahiramwo Ijambo rito ng'aha, Ijambo rito hariya, ryo kugira ngo rizimize gusa. Ukwo ni ukuri. Iyo mubonye Ijambo nyakuri ry'Imana ririko riragaragazwa nk'uko Kayafa n'abo bandi baribonye, baca baRitera ibitugu, ntibazi. Imvange!

79 Ubu rero turabona, kandi mur'ubu butumwa, Yesaya 40:3 naho nyene hashingira intahe Yohana. HYavuze ati: "Ijwi ry'umwe, umuvugishwa, asemerera mu bugaragwa, riti 'Nimutegure inzira y'Uhoraho, mugorore iz'ibihamo ziwe. Ishengero ntiryamwizeye kuko atari uwo mu mugwi wabo. Uwo muvugishwa yahagurukijwe ava mu bugaragwa, aza ata n'umwe azi. Yari afise ya Mpwemu nyene Eliya yari afise kuri we: yari umuntu wo mu bugaragwa, yaranka abagore bononekaye ingeso.

Ni mwibuke ingene Eliya… Ni igiki catumye bamukurako umutwe? Yari Yezebeli. Yezebeli ni we yabaye intandaro y'urupfu rwiwe. Nico catumye ahungira mu bugaragwa.

Yohana Umubatizi, iyindi nkunzi y'ubugaragwa, umuhigi, umunyeshamba. Mumwitegereze Nta mashure yar'afise. Ni murabe i -icigwa ciwe, ntiyari ameze nk'umunyatewolojiya. Yavuze ati: "Mwa runganwe rw'inzoka mwe!" Ikintu kibi cane ushobora gusanga mu bugaragwa, ubwiyorobetsi, yari -yari inzoka. Hanyuma abo baherezi abita ngo: "Mwa runganwe rw'inzoka mwe! Ninde yababuriye guhunga uburake bugiye kuza? Ntimutangure kuvuga ngo, 'Turi abo *mur'ibi,* kandi dufise *ibi* canke *biriya,'* kuko ndababwire, Imana Irashoboye mur'aya mabuye," ubugaragwa. Kandi, "Incabiti" (icoyakoresha) "igenekereje ku gitsina c'igiti; kandi igiti cose kitama ivyamwa vyiza, kiracibwa kigatabwa mu muriro." Amen.

80 Yari umuvugabutumwa w'ivyaremwe. Umuntu ahambaye w'Imana, yabayeho igihe gito, ariko vy'ukuri yakije umuriro kw'isi yose. Yarakoze cane kur'urwo runganwe mu mezi atandatu igikorwa ciwe camaze. Imana yamureze imyaka mirongo itatu, kugira ngo imukuremwo ayo mezi atandatu. Ariko Imana Ikora ibintu mu buryo bwaYo, Iramenya umwimbu waYo uwo ari wo.

Rero turabona ubu yuko ivyo ari vyo neza na neza vyari vyabaye. Ntibamwizeye, kuko atari uwo muri bo ntibamwizeye. Ntibamwizeye. Babikoze nk'uko vyama, ntibaBibonye Ntibizeye Ijambo ry'Imana ryo muri Malaki 3, atari uko bari kuba babonye vyeruye, biciye ku Vyanditswe, yuko iyo yari yo ya nteguza. Bari bamaze imyaka amajana ane ata muvugishwa baronse, none ng'uwo umwe ahagurutse mu gikorwa ubwo nyene, Murabona? Kandi abantu, abizeye, bizeye ko ari co yari ari. Murabona, ntibavyizeye. Ntibizeye, kuko igihe babona Ivyanditswe vyemejwe neza, ivyo yari yaravuze ko yokoze, n'ibindi vyose, bakavyibonera neza bishingiwe intahe igihe Ijambo ryaza, mu mazi ritumbereye umuvugishwa. Niho bari bahagaze.

81 Hariho benshi baharira kur'ico canditswe ng'aho kuri Yohana. Murabona, Yohana yavuze ati: "Ni jewe nkeneye kubatizwa naWe, none ni kuki uje kuri jewe?"

Yesu yavuze ati: "Vyemere ko biba uko, kuko uko…ariko ivyo ni vyo bitubereye, dutegerezwa, (birabereye) ko dushitsa ukugororoka kwose. Yohana, wewe nk'umuvugishwa, urazi yuko ikimazi gitegerezwa kwozwa imbere yuko gitangwa. Nanje ndi ico kimazi, nawe uri umuvugfishwa kandi ivyo urabizi." Aca araheza araMwumvira araMubatiza. Murabona? Kandi yari azi yuko ari uko vyari biri.

82 Nimurabe, baramutwenze bamwita "umunyakaguma w'inyeshamba, atize, aguma yomanga," nk'uko bisanzwe, uwo muvugishwa yitangira imbere Ukuza kwa mbere kwa Yesu.

Simvuze yuko ba…ko badafise ukwigana nka kwa kundi nyene uyu musi kw'i - kw'icukuri. Baragufise, baragufise koko. Ariko, nimwibuke, iyo ubonye idorare ry'iryiganano hategerezwa kuba hariho idorare ry'ukuri ryiganywe. Aho mubonye uwuriko yigana kuba Umukristo, hategerezwa kuba hariho Umukristo nyakuri ahantu kanaka; kuko, iyaba bitari uko, ico cociye kiba ic'inkomoko. Utegerezwa gushika kuc'inkomoko. Ariko suzuma ico ca mbere, urabe yuko ic'inkomoko gihuye neza na neza n'isezerano. Nimba bihuye, uce rero ucizera, Isezerano ry'igihe.

Rero ubuvugishwa bwa Yohana bwarashingiwe intahe mu rutonde rw'Imana. Ijambo ryaje ku muvugishwa riraheza riramushingira intahe ko vy'ukuri ari we uwo muntu.

83 Kandi Yesu Yaje mu… bitandukanye n'intahuro yabo y'ubwo buvugishwa. Ntibabitahura mur'ubwo buryo. (Ubu rero, turiko turegereza guheraheza kano kanya). Ariko nk'uko Ijambo ry'umuvugishwa ryavuga, vyarashitse urudome ku rundi. Ubuvugishwa burashikijwe; ariko uburyo bibaza ko vyobaye, siko vyagenze. Ubu rero, ni gute bari gushobora gutahura bakamenya ic'ukuri canke ikitari co ico ari co? Mu kubona yuko vyashingiwe intahe n'Imana, ko ari Imana, Yariko Irasobanura ivyo Yavuze. Hari harabayeho ba Yesu b'ibinyoma bahagurutse, bakwegera umuntu…umugwi w'abantu amajana ane, mu bugaragwa n'ibindi; ariko ntiyari bwigere agaragaza ko ikibanza ciwe cari mw'Ijambo, murabona, nk'uko We Yabivuze.

84 Yesu, igihe Yaza, Yategerezwa kuba Umuvugishwa. Ukwo ni ukuri! Kandi uyu musi, imbere yuko Yesu Agaruka, ukwigaragaza kwuzuye kwa wa Muperesona wa Yesu Kristo gutegerezwa kwigaragaza mu mubiri. Ni muvyiyumvireko! Yesu yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu misi ya Sodomu, niko bizoba mu kuza kw'Umwana w'umuntu, Igihe Umwana w'umuntu ariko arihishura." *Guhishurwa* ni bisobanura iki? "Gufukurwa, kumenyekanishwa." Ibanga ryashizwe ahabona, rirahishurwa. Mu munsi aho Wa Mwana w'Umuntu azohishuririrwa, isi izoba iri muri vya bihe vya Sodomu. Niho tugeze, siko? Egome! Ni bangahe bavyizeye? Iri muri vya bihe vya Sodomu. Ukwo ni ukuri kwuzuye! Ni murabe aho igeze, ubu.

Ni mwibuke, hama hariho imirwi itatu y'abantu muri buri murwi wose w'abantu ukoranije, ni abigira abizeye, abatizera, n'abizera. Turabafise muri buri mugwi. Bamye babafise mu gihe cose. Hariho Abanyesodomu, hariho - hariho abo kwa Loti, kandi hariho na Aburahamu.

85 Abā Aburahamu wari umugwi wahamagawe ngo usohoke, ntiwari muri Sodomu uhereye ubwa mbere. NUbu naho ni mwitegereze Ubutumwa bwabo! Bari barindiriye umwana w'isezerano, bamurindiriye imyaka itari mike. Imana Yari Yareretse Aburahamu ibimenyetso vyinshi bihambaye n'utwumiza, ariko hano Imana yari yimanukiye ubwaYo nk'umuntu!

Muvuga muti: "Uwo yari Umumarayika."

Aburahamu yamwise, "Mwami," n'urudome rukuru M-w-a-m-i. Buri musomyi wese wa Bibiliya arazi yuko iyo M nkuru M-w-a-m-I ari Elohim. "Ubwa mbere na mbere Imana," Umwami Imana, Elohim, umwe yikwije muri vyose. Aburahamu yamwise, "Umwami Imana, Elohim."

86 Ubu rero nimurabe, hariho abantu babiri bamanutse i sodomu bafise ubutumwa, babwira ubutumwa ab'i Sodomu. Nta na kimwe bakoze, uretse kubahumisha; kuko, ivugabutumwa rihumisha uwutizera koko.

Ariko nimurabe ubwoko bw'ikimenyetso umugwi wa Aburahamu waronse!

Ubu rero, twitwa yuko turi uruvyaro rwa cami rwa Aburahamu, Isaka yari uruvyaro rusanzwe. Ariko uruvyaro rwo kwizera, ukwizera Ijambo ryasezeranywe, Ijambo ryasezeranywe (ntibibacike) nirwo rwari urwo ruvyaro rwa cami; urwo nirwo rwari urwo Ruvyaro, ukwizera kwa Aburahamu. "Twebwe twapfuye muri Kristo, turi uruvyaro rwa Aburahamu, abaraganwa nawe nk'uko isezerano rivuga."

Nimurabe ko igihe ivyo vyose vyariko biraba, hariya epfo i Sodomu hariyo abavugabutumwa babiri bari hariya epfo bavuga ubutumwa bukomeye.

87 Hariho Umwe yari kumwe ngaha n'umugwi wa Aburahamu utigeze ugira ico usana n'uriya mugwi hariya epfo. Ni murabe rero Umwe yasigarana n'umugwi wa Aburahamu, ubwoko bw'ikimenyetso Yabahaye. Yavuze ati… Ubu rero, nimwibuke, izina ryiwe ryari Aburamu imisi mike imbere y'aho; hanyuma iryiwe iryiwe S-a-r-a-y-i, Atari S-a-r-a (umwamikazi). Niho uyo mugabo, ahindukirije umugongo wiwe kw'ihema…

Abagore ico gihe bari batandukanye n'uko bari ubu. Bategerezwa gusohoka no kwivanga mu bikorwa vy'abagabo babo, n'ibindi, murazi. Ariko ico gihe ntibabikora, baguma ukwabo, inyuma.

Rero ba…Rero uwo Mumarayika Yicaye ngaho. Inmtwarabutumwa, Aca Avuga Ati: "Aburahamu, umugore wawe (S-a-r-a) ari hehe?" Yari kubimenya gute? Yabimenye ate?

Aburahamu avuga ati: "Ari mw'ihema inyuma yaWe."

Avuga ati: "Nzokugendera bivanye n'igihe nagusezeraniye. Ngiye kukugendera." Sara nawe aca aba nk'uwitwenze ubwiwe.

88 N'umugongo wiWe uhindukirijwe kw'ihema Aca avuga Ati: "Kubera iki Sara yatwenze, akavuga ati, 'Mbega ibi bintu vyoshoboka bite?'" Iyo ataza kuba yari muri Aburahamu, umugeni wiwe mur'ico gihe, Imana yari guca Imwica. Natwe nyene niko vyotugendeye uyu munsi n'ukutizera kwacu kwose, iyo tutaba turi muri Kristo. Ico nico kituramirira ngaho, murabona. Ntiyari gushobora kugirira canke gutwara Sara Itagiriye nabi Aburahamu. Murabona?

Kandi rero ni mwibuke, Yesu yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Sodomu, niko bizomera ku muzo wa Wa Mwana w'Umuntu. Turabona, umwe wese aravyemera, yuko isi iri mu bihe vya Sodomu. Naratoye ikinyamakuru co muri Los Angeles ejo bundi, kivuga giti, nibaza ko ari "Ivyo ababirana basangiye ibitsina biriko biriyongera ku bice mirongo ibiri kw'ijana canke mirongo itatu muri Los Angeles, buri mwaka vyiyongera kur'urwo rugero." Ni… Ôo, birateye ubwoba! Muri Leta yacu n'ahandi hose; vyose vyabaye ukwononekara gusa. Ukwo ni ukuri! Vyose uko vyakabaye, imikorere yose, ishengero n'ibindi vyose vyononekaye. Ni igihe c'ukwononekara.

89 Ubu rero ngomba ndababaze mwebwe banyatewolojiya ikintu kimwe, ca bene Data. Atari uko ndiko ndavuga ibibarwanya, bene Data bakundwa, ndi hano kugira ngo ndabafashe, mwene Data. Ndi ngaha kugira ngo mpagarare ku co ijambo ry'imana Rivuga ko ari ukuri, kugufata ukuboko kwawe ngo ukure iri

shengero ry'abantu mur'ivyo bintu bitagira ikimazi. Ni ukuri!

Ariko ni murabe hano, ntitwari bwigere turonka intwarabutumwa hariya epfo i Sodomu imbere y'aho izina ryayo riherezwa na h-a-m kugeza ubu. Twararonse Spurgeon, Wesley, Luther, n'ivyo bindi vyose, ariko ntaho twari bwigere turonka intwarabutumwa ku rwego mpuzamakungu iyo izina ryayo riherezwa na h-a-m, imbere y'aho. Ukwo ni ukuri! Murabona, G-r-a-h-a-m, Billy Graham, wa muvugabutumwa rurangiranwa, igikorwa gihambaye c'Imana, uyo muntu yarungitswe n'Imana. Arazi ugutsindanishirizwa neza cane, kugeza n'aho anyiganza igihugu cose nakwo, murabona, nk'ukwo. Nta ntuze ihari…

Ni murabe Oral Roberts kw'idini ry'igipentekote. Ni ryari higeze kuba umeze artyo?

Indome zitandatu, atari indwi. Aburahamu [Mu Congereza: "Abraham." -Umus.] A-b-r-a-h-a-m, indwi. Billy Graham ni G-r-a-h-a-m, zitandatu.

Ubu rero ni mwitegereze izo ntwarabutumwa. Ni murabe igihe turimwo, ntihigeze kubaho igihe nk'iki muri kahise. Ni murabe vya bimenyetso nyene Yasezerana yuko vyohawe buri mugwi. Ni murabe aho bari. Vya bindi nyene, neza na neza, bitonze neza mu rutonde. Ivyaremwe, isi, ibintu vyose, bijanye neza na neza n'igihe.

90 Ubu rero ntibibacike, mu gihe tugiye kugereranya ibisigaye vyo kuri kino Canditswe! Twihuta rero ubu, kuko ndiko ndabafatira cane. Guhamagara… Ni murabe hano. Kandi nk'uko umuvugishwa yabivuze, yaje neza na neza kw'Ijambo, neza na neza mu gihe gikwiye.

Ubu rero ni murabe kino gihe ca none ico tubayemwo. Mbega ntitubayeho neza na neza mur'ico gihe ca Sodomu? Ni murabe intwarabutumwa yo ku mugwi wa Aburahamu. Ni murabe ibitigiri, indome, n'igitigiri c'indome zigize izina ryiwe. Muvuga muti: "Izina nta na kimwe rivuze." Ntuze wigere wemera ngo hagire umuntu akubwira ivyo. Ni kubera iki yahinduye izina rya Aburamu, rikaba Aburahamu, Sarayi rikaba Sara? Ni kubera iki yahinduye Simoni akaba Petero, n'abo bandi bose? Murabona? Nta nkeka ko rifise ico rivuga. Neza na neza.

91 Ni co gituma mvuga nti, ntimwigere, namba mwita umwana wanyu "Ricky", canke "Elvis," canke ikintu nk'ico. *Elvis* risobanura "akayabu," *Ricky* ni "imbeba." Murabona, iyo muvuze… Ukwo ni ukuri ata nkeka. Ukwo ni ukuri kwuzuye "Les," canke ikintu kanaka, ntiwigere namba wita umwe mu mwana wawe…bana bawe uko. Nimba ari uko ca murihindura vyihuta cane, yemwe bantu. Ntimugire… Mwebwe mu… Nimba munyizera nk'umukozi w'Imana, ntimugahomeke iryo zina kur'uwo mwana. Murabona? Oyaye, mushingantahe, muhe irindi zina uretse iryo. Bagenzi! Sinategerezwa kuja ku ruhande kur'ivyo, kuko nataye icigwa canje, ariko nabivuze kandi biri hose. Nda… Uko nikwo bigenda, ntumenya igihe ubivuga. Murabona?

92 Bamwise: "Icaduka, umuraguzi, idayimoni, Beyezebuli," kandi maze barongera bavuga bati: "Yigize Imana." Ôo, bagenzi!

Mbega umuvugishwa Yesaya ntiyari yavuze yuko "Yokwiswe Imana y'Ubushobozi?" Yesaya 9:6, "Kuko Umwana atuvukiye, duhawe Umwana w'Umuhungu, ubutware buzoba ku bitugu vyiwe, azokwitwa umujanama, umukama w'amahoro, Imana y'Ubushobozi, Data wa twese Ahoraho." Ukwo ni ukuri! Kandi na Yohana 1:1, ngo: "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi uwo Jambo yahoranye n'Imana, kandi uwo Jambo yari Imana. Kandi Jambo yambaye umubiri abana natwe." Ivyo muravyizeye? Ntiyari gusa… Yari umuvugishwa, ariko yari uwurengeye umuvugishwa; yari Imana-Muvugishwa. Kubera iki vyabaye ngombwa ko aza?

93 Ni mwibuke, Aza mu mazina atatu y'Umwana. Yaje ubwa mbere mw'izina ry'Umwana w'Umuntu. Ntiyigeze namba yiyita "Umwana w'Imana." Ivyo murabizi. Murabona, yaje mu Mwana w'umuntu, Umuvugishwa. Yehova ubwiWe, Data, Yise Yeremiya "umwana w'umuntu"; umuvugishwa ni umwana w'umuntu. Yaje…

Ubu rero yaje ku Munsi wa Pentekote, yagarutse mw'ishusho ya Mpwemu Yera, Mpwemu w'indengakamere. Ubu rero ni Umwana w'Imana.

Ni muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi Azoba ari Umwana wa Dawidi, Yicaye ku ntebe y'ubwami ya Dawidi. Murabona, Azomu… Ni Umwana w'Imana, Umwana w'Umuntu, Umwana wa Dawidi.

94 Ôo, Bibiliya yuzuyemwo ivyo bicapo. Ntidushobora kubishikakko vyose mu mugoroba umwe. Ariko birabereye ko dushirako kino ubu. Kumbure ko ejo butazigera buca. Turashobora kugenda imbere yuko ejo hagera. Ndashobora kuba ndiko mbwira ubutumwa umuntu aza kuba yapfuye imbere y'ejo mu gatondo. Noshobora kuba nagiye imbere yuko buca. Mwene Data, mushikanje, iki si igitito, ni ibintu vy'ukuri biriho! Ntituzi igihe tuzogira, kandi nta yandi mahirwe uzoronka kwa guhumeka kwa nyuma kumaze kuva mu mubiri wawe. Bitunganye ubu nyene, ntimurindire gushika mu gatondo, kuko umwanya urashobora kuba wamaze kurenga cane.

95 Ubu rero ni murabe, bari baMukoreye neza na neza ivyo abavugishwa bari bavuze ko bokoze, neza na neza nk'uko bariko barakora no kur'uno musi nyene mu gihe ca Lawodikiya. Nimba mushaka kubiraba, nimusome Ivyahishuwe 3, "Impumyi, mugenda amenya, kandi ata n'ivy'uzi. Kwirukana Kristo…" Igihe yatangura kwihishura ubwiwe mu mero y'urutete kandi, rumwe nyene rwaja mw'ivu rwagarutse kuba Umugeni; neza na neza Umugeni n'Umukwe, mu mubiri umwe n'amaraso amwe, igikorwa c'ibango kimwe, vya bintu bimwe nyene, akora neza na neza bimwe Yakora, Mpwemu.

Aba na bo ng'aha bariko barigana bakora n'ibindi vyose. Kandi umwe wese afise igitabu ciwe yiruka, *n'ibi.* Ôo, ntimurigera mwumva imihehemuko imeze ukuraho. Hanyuma… [Mwene Data Branham akweze impemu mu zuru ryiwe -Umw.] "Ndumva akamoto k'idayimoni kano kanya." *Ibi* vyose, *birya,* binyuranye n'Ivyanditswe uko bishoboka!

96 Kandi ikintu c'ukuri kirambitse neza na neza aho imbere yabo, bagaca bigira: "Ntibari mw'idini ryanje." Bagenzi, bagenzi ni gusa, murabona, ni impumyi zirongoye izindi gusa. Mbega zose ntizigwa mu manga? Bahumishijwe n'imigenzo y'ikidini y'umuntu, baraMutaye hanze y'ishengero ryabo nk'uko Imana Yavuze ko bobikoze, mu Vyahishuwe 3; nk'uko bisanzwe, nk'uko vyavugishijwe.

Ni murabe ingene Yesu ya… Yimenyekanishije kur'aba bigishwa, kano kanya, hanyuma duca duheraheza. Aba bigishwa babiri, Kayafa…Kireyopa, nako, na mugenziwe. Aha ubu, turi mw'izuka, ca gitondo c'inyuma y'izuka, rya zuka rya mbere; mbega igitondo ciza, Yesu Yazutse mu bapfuye kandi aba mu bantu biwe. Mbega iciyumviro ciza!

Ari hano Ari wa wundi nyene uyu musi nk'uko Yari Ari urya musi, kuko Ari wa Wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibi… Kandi ariko yihishura ubwiWe cane uyu musi kurusha uko yabikoze mu kindi gihe kindi na kimwe kuva urya musi; twaciye mu rugano, ikironge n'igishishwa ( ivyo vyose ubu vyararenganye), twongeye gushika kandi mu rugano. Murabona, twagarutse mu rutete.

97 Kumenyekana nka…kumenya… Ni murabe ingene yimenyekanishije kur'abo bantu, ubu, mwibuke, nka Mesiya wabo (imbere yuko duheraheza) w'Ijambo ryasezeranywe ry'ico gihe. Ni mwihweze! Yiyeretse, ku ba…Nk'uko yavuze ko yokoze, ku bavugishwa. Ni murabe, "Yemwe mwa mburabwenge, imitima yanyu itevye cane kwizera Ivyanditswe vyose n'abavugishwa n'Imana kuri We ko vyategerezwa gushika."

Ni mumwihweze! Aca yisunga Ijambo ry'Imana bukwi na bukwi, ntiyigeze aza ubwo nyene ngo ababwire ngo, "Mbega ntimwamenye? Ni Jewe Mesiya yazutse." Ivyo ntiyigeze abivuga. Murabona yabahaye Icanditswe gusa; nk'uko Yohana yabikoze, n'abo bandi bose basigaye. Murabona? Yagize gusa… Ivyo bategerezwa kuvyibonera bo ubwabo. Bategerezwa kwihitiramwo bo ubwabo. Ubu rero, ntimusinzire, nimwihitiremwo.

"Emwe mwa mburabwenge, imitima yanyu iteba cane kwizera ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana vyose ko vyotegerejwe gushika." Mbega inkebuzo kuri bo bavuga ko baMuzi. Murabona?

98 Ni murabe ingene Yatanguye ico cigwa. Ntiyigeze yivuga mu buryo bweruye, nk'uko nabivuze mu kanya gaheze, ngo Avuge ati: "Neza, mbega ntimuzi yuko ari jewe Mesiya wa kino gihe? Ntimuzi yuko Jewe ndi We?" Umukozi w'Imana w'ukuri ntiyigera yidondora ubwiwe ben'uko, Ivyanditswe nivyo bidondora uwo ari we. Nta nkeka ko bizobikora. Ariko Yabakanguriye kuvyo abavugishwa n'Imana bari baravuze ko bokwiteze mu gihe ca Mesiya. Ivyo murabibona? Yaciye abagarukana inyuma, "Yemwe mwa mburabwenge, imitima yanyu itevye cane kwizera ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana vyose kuri Mesiya ko vyotegerejwe gushika."

We, co kimwe na Yohana, yararetse Ijambo rya Bibiliya riba ari ryo rimudondora, ico yari ari kuri bo. Ivyo vyategerezwa kuba ibishizwe ku mugaragaro bihagije. Nimba Ijambo ryari ryaMudondoye, uyo rero ategerezwa vy'ukuri kuba ari We rya sezerano bari biteze. Baramenye ko yari…hategerezwa kuba umuntu kanaka aseruka mu gikorwa muri ico gihe.

Kuki yavuze Ati, "Ubu rero reka ndabereke ivyo Ijambo rivuga ko vyotegerejwe gushika mw'iki gihe."

99 Mbega nanje, kuri uno mugoroba, si jewe ndiko ndagerageza kubabwira, Ijambo ku rindi (gushika no ku ruhagararo nyene, ikibanza, amazina, ibitigiri, n'ibindi vyose, n'ivyo bimenyetso vyose, ibihe, n'ibindi vyose) yuko turi neza na neza ng'aha mu gihe c'iherezo? Nta nkeka ko mushobora kubona ico ndiko ndavuga ico ari co. Murabona? Ni mwihweze! Biratomoye cane ku buryo bidakeneye uwundi mwidondoro. Yavuze igihe yari ngaha kw'isi ati: "Ni musesangure mu Vyanditswe, kuko muri vyo ariho mwibaza ko mufise Ubugingo Budashira, ivyo ni vyo…binshingira intahe ico jewe ndi," murabona "uwo jewe ndi."

Ni murabe, yatanguriye kuri Mose. Uvugishwa n'Imana, "Umuvugishwa…" Gusubira mu Vyagezwe 18:15. Ndiko ndaraba ico canditswe hano, Gusubira mu Vyagezwe 18:15, Mose yavuze ati: "Uhoraho Imana yanyu…"

Murabona, Imana Yavuganiye na we hejuru ku musozi. Hanyuma, oo, bagenzi, imituragaro; baca bavuga bati: "Reka -reka Uhoraho…Reka Mose abe ari we avuga, Atari Imana, kugira ngo twoye

kurimbuka.

Ica Ivuga iti: “Babivuze neza. Nzo… Sinzongera kuvugana na bo ukundi nk'uku, ariko nzobahagurukiriza umuvugishwa.” Kandi ubwo nibwo bwabaye ubutumwa bwiwe ico gihe cose. Nico gitegerezwa gutorera inyishu ya vyose kw'iherezo. Bitegerezwa kuba uko, kuko Ijambo ry'Uhoraho ritegerezwa kuza ku Muvugishwa. Nico kintu conyene rishobora kuzako. Bitabaye uko, biba biciye kubiri n'Ijambo ry'Imana bigaca biYigira iyivuga ibinyoma. Murabona? Ntirizigera rija mw'iseminari. Rija ku muvugishwa. Kandi umuvugishwa arungikwa n'Imana, yaratoranijwe. N'ingene mumenya ko yatoranijwe, atari ivyo umuntu avuga…

100 Twararonse ba Eliya, n'amakoti, n'ibindi vyose, n'imitamana, n'ivyo bindi vyose vy'ubupfu, duca twinjira mu vy'amadini yitunganije n'ibindi vyose.

Ariko hazoza kuri ino si biciye kw'isezerano ry'Imana, umukozi w'Imana nyakuri, yadondowe n'Imana ( n'Ijambo ryaYo ari ryo nyishu ya kino gihe), azoshira umugeni ku rutonde (umugwi muto nyakuri w'inkewa w'ishengero) maze amuzamure. Ukwo ni ukuri! Azokwerekana ati: “Ehe rabe, ng'uriya umwe navuga ivyiwe, murabona, azoza.”

Kandi ivyo abavugishwa bari baraMuvuzeko vyose, no kubw'iki gihe, ese ukuntu vyari kuba ibintu bihimbaye kumwumva ariko aravuga ivyo bintu. Mbega ntiwokwipfuje kumwumva ariko arabivuga? “Abavugishwa bose bavuze ku bijanye…” Ni mwibuke, Yavuze ivyo abavugishwa bari kuvuga kuri We ubwiwe, Yisubiramwo ubwiwe, ivyo yari yaravuze (akaba na we yari Ijambo); ariko arasubiramwo.

101 Ubu rero reka twumvirize Ijambo Yasubiyemwo. Muragomba kwumva ivyo yababwiye? Reka kano kanya dufate ikiganiro cabo, imbere gato yuko duhagarika.

Ubu rero bari babwiwe ku vyabaye vyose bijanye n'ukubambwa, ivy'inkuru yo ku mva na rya senga ry'imva, nabagore bari baMubonye, n'uwundi nyene yavuze ko baMubonye, n'ibindi. Avuga ati… Ba -baraMuciriye ku mayange yavyo. Niho naWe yanzika n'Ijambo ku bijanye…Yisubiramwo ubwiwe biciye mw'Ijambo:

“Ubu rero nimurabe muri Zekariya 12.” (Ategerezwa kuba Yarasubiyemwo Zekariya 11:12) “Kuko yaguzwe intete mirongo itatu z'ifeza. Mbega Mesiya ntiyategerezwa kugurwa intete mirongo itatu z'ifeza?”

“Muri Zaburi 41:9, Yaguzwe na bagenzi We. Murabona?

Zekariya 13:7, Yahebwe n'abigishwa biwe.

“Muri Zaburi 35:11, Yagirijwe n'ivyabona vy'ibinyoma.

“Biciye kuri Yesaya 35:7, ikiragi imbere y'abamwagiriza, ntiyigeze ateranura akanwa kiwe.” (Ni vyo, mushingantahe)

“Yesaya 50:6, Yarashishaguwe.

“Zaburi 22 -22, Yarasemereye ku musaraba, ”Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?‟ 'Amagufa yanje yose ampanze amaso.' 'Batoboye ibiganza n'ibirenge vyanje.' (Ni murabe ubuvugishwa Yashobora kuvugako).

“Yesaya 9:6, 'kuko Umwana atuvukiye,' 'Inkumi izosama inda,'” n'ibindi.

. “Kandi no muri Zaburi 22:18, ba -ba -bapfindaniye imyambaro yiwe hagati yabo.”

Muri Yesaya 7:14, 'Isugi izosama inda.'

“Zaburi 22:78, kumbure… Yashinyagurijwe n'abansi biwe (biwe abitwa ko ari abagenzi biwe), abansi biwe, ishengero.

“Muri Zaburi 22 kandi yari…Nta gufa na rimwe ryategerezwa kuvunika, ariko batoboye ibiganza vyiwe n'ibirenge vyiwe.

“Yesaye 53:12, Yapfanye n'abanyakibi.

Muri Yesaya 53:9: Yarajanjaguwe, ahambanwa na mwenewabo w'umutunzi.

“Muri Zaburi 16:10, Yarazutse ava mu bapfuye. Dawidi nikwo yavuze, 'Sinzoreka ngo Uwera wanje abone ukubora, kandi sinzorekera umushaha wiwe i kuzimu.' Yarazutse mu bapfuye.

“Malaki 3, Yohana Umubatizi ni we yari Integuza yiWe.

N'ibindi bitutu vyose kumbure Yabandanije. Ndetse no kuri Isaka yari igitutu ciwe hejuru ku musozi…

ku musozi aho se Aburahamu yamufashe, mw'Itanguriro 22.

102 Aho niho batanguriye kubona Uwari Yashikije ivyo Vyanditswe vyari vyarasezeranywe kubw'ico gihe. Ni ico gihe, igihe kimaze kurengana, niho batanguye kubona "Ôo! Nyabuna, hinge gato! None murazi?" Baciye bamenya mur'ako kanyayuko wa Mugenzi wabo Yabambwa, Yesu, Yari We w'Uwo Muvugishwa Yari Yarasezeranywe. Barabimenye kuko… Murabona, ntibari baraciriwe ku mayange ku bijanye n'Ivyanditswe.

Ariko, hano, ibi bintu vyose vyategerezwa gushika ku musaraba, ibi bintu vyose. Mwa mburabwenge mwe, imitima yanyu itevye gutahura ivyo abavugishwa n'Imana bavuze vyose, ingene Mesiya Azobabazwa, maze Akinjira mu Bwiza bwiWe, akazuka ku musi ugira gatatu."

Naho nyene barabandanya. "Oo, Egome. Ukwo ni ukuri Mvuga We - We… Mbega imitima yacu ntiyarurumbira muri twebwe?" Ni ko bavuze. Ntibitangaje kubona imitima yabo yararurumba! Ubuvugishwa yariko aratanga bwari bwashikijwe.

103 Niho rero baca batangura gutahura yuko umugenzi wabo, wa Muntu basangira na We, bakaganira na We, bagafatanya na We, bakarobana na we, bakaryamana mw'ishamba, yuko uyo yashikije buri Jambo ryose ry'igihe casezeranywe! Ng'ivyo ng'aho! Bari bagenze Mayili zitandatu [Hafi ibilometero 10. -Umus.] n'amaguru, wasa n'umwanya muto cane, ndibaza, kandi bari bumvise ubutumwa bw'amasaha atandatu ku buvugishwa bwashingiwe intahe (burebure gato kurusha ubwo twaronse kur'uno mugoroba, murabona). Bwasa rero n'uburiko burira ahagana igihe c'akagoroba, imico y'akagoroba yari yaje.

Ni co gihe nyene n'ubu, shengero! Imico y'akagoroba yaje! Abaheburayo 13:8, "Ni We wa Wundi nyene ejo hahise, uyu musi n'ibihe vyose." Ôo, ibiba bishirwa ku mugaragaro n'ubuvugishwa, nk'uko bimeze n'uyu musi. Umuco w'akagoroba wasezeranywe n'umuvugishwa w'Imana muri Zekariya 14:7, vyategerezwa kwongera kandi guhumura amaso y'uwizera nyakuri ku biriko biraba uyu musi, vyemejwe n'ubuvugishwa yuko turi mu gihe c'iherezo. Yesu araje.

Intuze koko… Ni…

104 Yavuze ati: "Hazobaho umunsi utazokwitwa ijoro canke umurango." Avuga ati: "Ariko mu gihe c'akagoroba hazobaho umuco." Ubu rero, turazi, muvy'imenyeshantara, izuba riserukira mu buseruko rikarengera mu burengero. Rero, umuvugishwa yavuze ati, "Hazobaho igihe kirekire hazoba hari ibipfungu, ikintu kimeze nka…utoshoboye kwitwa umurango canke ijoro, ni ikintu kimeze bwa musi w'umwijima, wiraburaniwe."

None, wa Mwana na We Yaserukiye he? Ni iki… Uwo Yari U-m-w-a-n-a ni we turiko turavuga ubu. Yuko wa m-w-a-n-a asanzwe aserukira mu buseruko akarengera mu burengero. Ya Mana nyene, ya yindi nyene…Izuba, nakwo. Kandi n'U-m-w-a-n-a w'Imana Yabanje guserukira mu buseruko ubwa mbere, ku bantu bo mu buseruko.

Ubu rero amaze kugenda, baciye bakora iki? Imyaka amajana atatu inyuma y'aho, baciye batangura idini ryabo rya mbere, Ishengero Katolika ry'i Roma. Baca muri ca gihe c'umwijima, hanyuma baragisohokamwo. Bakoze iki? Vya bindi nyene. Wabaye umusi w'i… Ntiwiswe umurango canke ijoro. Bari bafise urutonde rutosheje, baraheza barizera yuko We Yari Umwana w'Imana, bagendera mu muco bari bafise, barakoze amasengero yabo barubaka ibitaro n'amashure n'ibindi, n'amaseminari, bararungika abana babo kw'ishure.

105 Ariko umuvugishwa yavuze ati: "hazongera kuba umuco kandi amaja mu gihe c'akagoroba. Wa Mwana azongera kurasa kandi, hazobaho umuco." Iki? Wa Mwana nyene (U-m-w-a-n-a) yahishurwa mu mubiri mu gihe c'agatondo, hariya inyuma, azongera guhishurwa kandi mu gihe c'akagoroba.

Ubu rero nimugereranye Luka mweranda 17:30, "Kandi kur'uwo musi, nk'uko vyari biri mu misi ya Sodomu, uko isi izoba imeze, igihe Umwana w'umuntu azoba ariko arahishurwa."

> Ku kagoroba hazobaho umuco,
> Muzomenya inzira ija mu Bwiza,

Ôo, bagenzi! ! Bantu, mbega tugeze he?

> Amahanga ariko arashwanyagurika, Isirayeli yavyutse,
> Ehe ibimenyetso abavugishwa bahanuye,
> Imisi y'Abanyamahanga iraharuye (ni murabe ukuntu itembera mu kiyaga!)
> Ni mugaruke mwebwe abasabagiye, ku banyu.
> Ehe umusi wo gucungurwa uri hafi;
> Ehe imitima y'abantu irajanjogowe n'ubwoba;
> Ni wuzure Mpwemu, tegura itara ryawe urihanagure,
> Raba hejuru! Ugucungurwa kwawe kuregereje. (Vyokubera vyiza)

Mwene Data, Mushikanje, ni igihe giteye ubwoba. Rabe ibintu vyavugishijwe, nimurabe ivyo bintu biriko birashika. Ni murabe ubuvugishwa bwose ingene buriko burashika, tugaca tubona rero ico ibi vyose

bigamije. Si umugwi wa…igihe c'akaguma k'ikidini. Ni Imana Iriko Iremeza Amajambo yayo neza na neza, koko. Ca gitandara cakubiswe, bagenzi, ni muhungire kuri co mwihuta cane ukwo mushoboye. Ubuvugishwa buriko burashingirwa intahe igihe tubayemwo.

106 Reka twunamike imitwe yacu. [Mwene Data umwe avuze mu ndimi. Mushiki wacu umwe aciye atanga insobanuro. Mwene Data umwe ari imbere ahakirurutse avuze ati: "Turashobora kuguma dutekanye akanya gato? Imana Yavuganye natwe Iciye muri mwene Data Branham, kandi isigwa riri kuri mwene Data Branham, kandi ntaraheza. Kandi…" Agace katavuga kuri bande -Umw.]

Mana Mukundwa! Mbega muriko murabona igihe tubayemwo, ga bagenzi? Mbega mwokwubahuka guharira n'Imana? Mwoshobora kuvuga muti: "Ntiri mu kuri," kandi Yabigaragaje? Ni Yo Yisobanura ubwaYo. Muragomba kuYikorera?

Ubu rero, mucunamitse imitwe yanyu, mwene Data, mushikanje.

Iki kirashobora kuba ari co gihe c'igikorane cacu ca nyuma. Turashobora kutazongera na mba… Hamwe noshobora kugaruka mu mwaka umwe uhereye uyu musi, nimba nkibayeho, hobayeho benshi mu bari hano kano kanya batazoba bakiriho ico gihe. Kandi nzotegerezwa guhurira namwe imbere y'urubanza maze nishure ku kintu cose navuz kur'uno mugoroba.

107 Imbere y'Imana, mu gihe mugifise ubwenge bwanyu bwose, mbega mwoshobora gukorera Imana kino kintu? Nimba muzi yuko muri… Ni mwirabe mwebwe ubwanyu mu cirore c'Imana, Bibiliya, ntaco bitwaye uwo uri we wese, uvuge uti: "Ndazi yuko ndi kure cane yo kuba umukobwa w'Imana, raba ingene nkora. Ndi kure cane yo kuba umuhungu w'Imana, raba ukuntu nigenza. Ariko Mana, singomba kuba, ngo -ngomba kwihata kugira nshike aho hantu." Ngomba yuko muduza ibiganza vyanyu ku Mana, neza na neza ico uri cose, aho uri hose mur'ino nyubakwa, "Egome, ngomba kuba umwana w'Imana. Ngomba kuba umukobwa w'Imana. Ngomba gushitsa ico ari co cose Umwami wanje Yategetse." Ubu rero mu… Imana Ibahezagire. Ndibaza ko ari nka mirongo icenda kw'ijana vy'ikoraniro.

Ubu rero raba hano, mugenzi. Vyari kuba gute iyo uba warabayeho mu minsi aho wari kumva Yohana avuga Ubutumwa? Vyari kuba gute iyo uza kuba warabayeho mu misi y'igihe Yesu yari hano? Wari kuja ku ruhande uruhe? Iyo uza kubaho. Iyo uza kubaho mu ntuze ya Yesu… Ni mwibuke, iyo a… Iyo uba warabayeho hariya kiriya gihe, vyari kumera neza na neza nk'uko bimeze ubu. Umwe Yesu nyene ariko arimenyekanisha ubwiWe biciye kw'Ijambo ryiWe, murabona, kandi ntawuriha nirwere na mba.

108 Ariko hinge ndababwire, sindiko ndagerageza kubwira abantu kuva mw'ishengero canke… Bagenzi, ndashaka ko muja kw'ishengero, "ntimugahebe gukoranira hamwe." Ariko ico ndiko ndagerageza kubabwira gukora, ni ukubandanira Ubwami bw'Imana. Ni mufate ivyo bintu, isi, ishengero…

Bapentekote, muriko muraba ab'isi cane mwa bantu mwe. Muriko murishushanya n'isi cane. Biroroshe cane, muguma mwirabira imboneshakure n'ivyo bintu vyose, n'ingene bariko barakora, n'ibi vyose, kandi ikintu ca mbere murazi… Amaseminari, amashure atanguye kugira umwumvikano aha na harya, n'iki, kirya, hamwe n'ikindi, kandi ikintu ca mbere, murazi… Bitegerezwa kuza mw'ubwo buryo. Ishengero rya kipentekote; ryabaye umufasha wanje adasanzwe, nta na kimwe novuga kuri ryo. Iki nico nsemerera: "Bene Data, ni musohoke!" Hamagare… Nta bikorane nk'ivyo mwahorana kera mugifise. Abantu ntibakimeze nk'uko bari bameze kera. Ariko Yesu Kristo ni We wa Wundi nyene, reka tuje muri We.

109 Ubu rero, mwebwe mwadugije amaboko yanyu, mwibuke hariho igitandara cakubiswe mu bugaragwa, kandi iyo soko iracuguruye kur'uno mugoroba. Igitandara cacu carakubiswe, Kristo, ni We ico gitandara cakubiswe.

Kandi kur'uno mugoroba, aho ngeza kumenya,ishengero rirashobora kuba… Igihe co guhamagara kirashobora kuba camaze kurengana, sinzi, ivyo nta vyo noshobora kuvuga. Ni mwibuke, abantu bibandanirije bagira ibikorane, kwa kundi nyene, inyuma y'ukubambwa kwa Yesu. Kandi i…abantu bose, ba -bazoza, ba… Ni mwitegereze! Ba -bazokwibandaniriza bavuga Ubutumwa, banavuga ko "bariko barakizwa" n'ibindi, nk'aho umenga… "Isi ibandanya nk'uko yamye," niko bavuga. Ariko ico gihe hazoba hamaze kurengerana.

110 Mu gihe ugifise amahirwe, mwene Data, mu gihe ugifise amahirwe, mushikanje; ngw'ino mu Bwami bw'Imana. Ntutegerezwa kuza muri bwo musi y'ikindi kintu na kimwe uretse ukwizera gusanzwe kwo kwizera Ijambo ryiWe. Ni We ari iryo Jambo! "Mwami Yesu, ndazi, ndiko ndiraba kano kanya mu cirore c'Ijambo ry'Imana; oo, ese ukuntu ntakwije. Yamara Mana Mukundwa, hano kur'uno mugoroba, kur'uno mugoroba w'uwu musi wa mbere, hano i San Bernardino, muri California, muri ino nzu y'amakoraniro hano, ibi -ibi nivyo mfise gusa, Mwami, ariko ndabiguha. Mbega uranyakira nk'uko meze, ga Mwami? Mbega urandeka ngo mpungire ku musaraba mu maguru masha? Ndabona n'intwarabutumwa. Ndabona igihe, ndabona uguhamagara kwo gusohoka i Sodomu. Ndabona ibimenyetso. Ndabona wa mugwi wa Aburahamu uriko uraronka Umuco. Ndabona ukwigaragaza, Yesu yongeye kwerekanwa kandi neza na neza hagati yacu nk'uko vyari biri. Ndabona ibintu vyose wasezeranye. Ndabona abiganyi; ndabona yuko

wavuze uti: ”Nk'uko vyari bimeze mu misi ya Mose, ingene uyu Yane na Yambure bokongeye kugaruka kwigana, kandi bakigumira muri rya cukiro nyene bari barimwo.‟

111 Murabona, ntibari bashoboye gukurikira Mose mur'iryo Jambo ngo bakure abo bana hariya babajane mu bugaragwa, kuko bari bacuditse na Egiputa. Ntibari bashoboye kubikora n'ubwo bakoze ibikorwa bimwe nk'ivyo yakoze. Ariko ubusazi bwabo bwaragaragajwe. Kandi Bibiliya ivuga yuko, ni UKU NI KO UHORAHO AGIZE, “Bizongera kuba mu minsi ya nyuma.”

Kandi murabibona n'amaso yanyu bwite, nimba muri aba Mpwemu. Ndi… Sinshobora kuBisobanura. Ntibikenewe kuri jewe ko ndaBisobanura. “Intama zanje zumva ijwi ryanje.” Reka tuje kuri We kano kanya, tugifise amahirwe. Murabikora?

112 Nimba mukeneye umubatizo wa Mpwemu Yera, nimba mukeneye kwongera kwishikana, ubuzima bushasha; umwungere wawe ntazogusuzugura, azogukunda kubw'ico. Ni wishikane wese gusa ku Mana kur'uno mugoroba, mu gihe turi hano. Reka… Ni, Egome, ndazi, vyari bigumye, bikarishe, bitangaje, ivyo sindabikora kugira ngo mbe inkazi, ivyo ndabikora kugira ngo mbe umwizigirwa. Ivyo ndabikora kuko ndabakunda, ndakunda Imana, kandi ndabikora ngo ngerageze kubafasha. Kandi mu vy'ukuri, bagenzi, ndi -ndi -ndizeye… Hamwe n'umutima wanje wose, n'ukwizera kwanje kwose, ndizera yuko Ubutumwa bwanje buva ku Mana. Bwa-bwamye bubibagaragariza, muri iyo myaka yose.

Ubu rero ni mwumvirize, kur'uno mugoroba nuhebe ivyo ufise vyose, ivyo ukeneye vyose. Ndizeye, n'umutima w'ukuri, wishikanye, hamwe gusa wohagarara n'ibirenge vyawe, ukaduza amaboko yawe ku Mana, ukavuga uti: “Mana mukundwa, ehe ndi ngaha. Nunyakire, Mwami. Sinzongera gukoresha ubwenge bwanje bwite ukundi n'insobanuro yanje bwite. Ijambo ryawe rivuga ko ntegerezwa kuba 'Uwera, ntegerezwa kuvuka ubwa kabiri, ntegerezwa kwuzuzwa Mpwemu Yera, hanyuma Mpwemu Yera Akazondongora mu kuri kwose. Mana Mukundwa, ehe ndi ng'aha, nundongore.” Mbega urashobora gukora ibingana birtyo? Nimba ushoboye gukora ivyo, nukirize ukuboko kwawe, uvuge uti: “Ndashaka kubikora, ndabishaka.”

113 Rero reka twese duhaguruke,

Nk'uko ndi, ataco mfise,
Yamara amaraso yawe yamenywe kubwanje,
Kandi yuko wampamagaye ngo nkuzeko,
Ô Mwagazi w'Imana, (Umuryango umwe rudende w'Imana)…ndaje! Ndi…

Ubu rero, ni mufate ibikorwa vyanyu vyose, ibindi bintu bindi vyose, uburuhe bwanyu, ibintu vyose… Vyari kumera gute iyaba wari ku mpfiro kano kanya?

Ukwo ndi kwose, unyakire'
Umpe ikaze, umparire, unyeze, unyakire;
Kuko ndi…

Mbega murashobora gushira amaboko yanyu hejuru, kuri kino gitero kano kanya?

Ndasezeranye, nzokwizera,
Ô Mwagazi w'Imana, ndaje! Ndaje!

None mu gihe umuvuzi w'inanga abandanya-abandanya avuza, reka umwe wese muri twebwe...

114 Bakiri bato b'imiyabaga, mbega mwishakira kuba nk'aba b'aha hanze mw'ibarabara, uyu mugwi wa ba bandi?

Mushikanje, ugomba kugira imishatsi migufi, mu gihe ari iteka ryawe ry'ubunaziri kugira imishatsi miremire? “Birateye isoni kuri we ko amwa umushatsi wiwe.” Mugomba kwiyambarira bwa bwoko bw'utujipo tugufi duteye isoni n'ivyo bindi vyose Bambara uyu musi, n'iyo nyambaro y'urukozasoni, yerekana umubiri wanyu, iyo hanze mw'ibarabara? Wari uzi yuko buri mugabo akwitegereza akorana nawe ubusambanyi mu mutima wiwe? Hanyuma ukiyanika ubwawe nk'uko. Mwari muzi, bagore, mwebwe mwisiga amarangi, ko hariho umugore umwe gusa muri Bibiliya yigeze kwiraba amarangi? Kandi Imana Yamugaburiye imbwa. Umu Yezebeli, izina ryanswe uhereye igihe ciwe, kubw'ivyo bikorwa vyiwe. Murazi yuko yari umuvugishwa Eliya yavumye ivyo bintu akanamukebura mur'ubwo buryo? Mwari muzi yuko yari umu Herodiya uwo Yohana Umubatizi yakariye? Mbega mu… Ntimugomba kuba ico kintu ca HollyWood y'isi. “Nimba mukunda isi canke ibintu vy'isi, urukundo rw'Imana ntiruri muri mwebwe.”

115 Mwene Data, muvugabutumwa, nta na kimwe… Ndabinginze muntahure, ndi mwene so. Mugomba kwiyunga, namwe banywanyi b'ishengero, b'ishengero kanaka (Metodiste, Batiste canke ico woba uri cose) mbega ugomba kuguma wumiye mur'iryo dini kubera yuko nyoko na nyogokuru baryumiyeko? Yasohotse ava mu kintu kanaka kugira ngo agree mur'iryo wari wo muco w'ico gihe; uwo, nko mu bihe vya Nowa. Iki ni ikindi gihe.

Muravuga muti: “Erega, nararonse i…

Iki si igihe ca Pentekote. Igihe c'Igipentekote cararenganye. Pentekote yararenganye, iki ni igihe c'iyimbura. Murabona? Kandi igihe c'iyimbura, urutete ; amazi yaramaze gusukwa, urutete ruriko rurakomera. Ni muze mu rutete, mwene Data mukundwa. Nyumva, nyizera, nimba wizera ko ndi umukozi w'Imana, reka umwe wese, mu buryo bwacu, twunamike imitwe yacu duciye bugufi, duheze dusenge isengesho iryo tu -iryo tuzi ko twategerezwa gusenga duti: “Mana, nyakira uko ndi.”

Kandi, mwene Data, mushikanje, nanje nyene ndirambitse ubwanje ku gicaniro kur'uno mugoroba: Mana, mpingura maze ungire uwutandukanye. Nugire ico ukoze, Mana, ngira ukwo ugomba.

Mwibaza yuko ari vyoroshe guhagarara hano no gutabaguramwo ubunywenywe abantu ben'ukwo? Ni ikintu kigoye cane gukora. Ariko noba ngowe ntabikoze.

116 Mana Mukundwa ; nk'uko rino koraniro bunamitse imitwe n'imitima, mur'uno mwanya udasanzwe hano wo guheraheza kino cirwa ca Bibiliya, aho tubona ukwemeza kwa Mpwemu Yera kwanyigangije kino gihugu aha na hariya, n'aha na hariya, imivyuro ihambaye n'ibimenyetso, tuzi yuko hari ikintu kanaka gitegerezwa kubikurikira. Hamwe rero no kubona abo Bamarayika indwi bamunuka hariya ku gasongero k'urya musozi hariya muri Arizona, aho ndetse n'ibinyamakuru mu gihugu babitangaje. Kubona Yesu ubwiWe hariya mu birere, ariko araba hasi, avuga ko, “mu Vyahishuwe 10 :7, mu Butumwa bw'umumarayika w'indwi, aya mashashara yokuguruwe, amabanga y'Imana yomenyekanishijwe,” yuko ba bagorozi batabayeho igihe kirekire bihagije ngo ba -babishire ahabona. None raba, aya mashashara indwi yari amatanije ico kintu cose, yategerezwa kwugururwa muri kino gihe. Kubona ibimenyetso vyose bihambaye n'utwumiza vyakozwe, bikemezwa, bikavugwa imbere yuko biba, kandi nta gihe na kimwe Wigeze utureka, ariko Wamye ubishitsa neza na neza nk'uko vyaba vyavuzwe.

117 Mana Mukundwa, turatahura yuko Yesu Kristo ari hagati yacu. Turazi yuko Ari hano. Ari hano kur'uno mugoroba, ya Mana Itaboneka iri hano kumwe natwe, kandi Irashobora kwemeza buri sezerano ryose Yashizeho mw'Ijambo ryaYo. Ingene wahagurutse ukabagaragariza, imigongo ihindukijwe, mu ntango nyene y'inkomoko imbere yuko abiganyi baninjira mu muzingi w'urukino, Mwami, canke binjira mu - mu - mugusiganwa, nk'uko bivugwa. Warerekanye, uragaragaza, uratanga ubuvugishwa wongera uravuga neza na neza uko vyogenze, kandi turabona ko vyashitse mur'ubwo buryo. Kandi, Mana Data, turazi yuko adashobora kuba ari umuntu, Itegerezwa kuba Imana. Kubw'ivyo turazi yuko ari wewe hano kur'uno mugoroba. Duharire ivyaha vyacu.

Mana Mukundwa, wakijije indwara zacu, ubu naho du - duharire ivyaha vyacu, Mwami, kuba tutari ubwoko bw'Abakristo twategerezwa kuba, atari… Kwatura ko turi umugabo canke umugore w'Ubutumwa bwuzuye, ariko tukisanga turiko turamandagara nk'inkoko y'ikidini. Dufashe, Mana Mukundwa, nudufate maze utunyiganze ukoresheje Mpwemu wawe Yera. Kandi nimba hari ico ari co cose muri twebwe kitameze nkawe, nukidukuremwo, Mwami. Uheze ushinge ibirenge vyacu kw'Ijambo ry'Imana ryera, ureke Mpwemu Yera arurumbire imbere mu mitima yacu kandi akureho umwanda wose wo kutizera n'itiro rya kino gihe, oo, duhagurutse tugireko twinyiganze ubwacu. Biduhe, Mana. Nudurtyorore! Tubumbabumbe! Duhingure! Mana, biduhe!

118 Nimba hariho uwo ari we wese hano kur'uyu mugoroba, Mwami, afise mu mutima rwa rutete, ka kabuto k'Imana katoranirizwa ubugingo kuva ku kuremwa kw'isi; ndazi, Mwami, ko bategerezwa kwumva muri uno mwanya. Kubw'ivyo, ndasavye, Mana, yuko wuzuza imishaha yabo ukanabamurikishiriza n'umubatizo mushasha wa Mpwemu Yera, ugaca ubarungika mu nzira yabo, banezerewe kandi bahimbawe.

Mwami Mana, ba… Ndabaguhaye. Sinzi abo ari bo, wewe urabazi. Negwa gusa no kuvuga Ijambo ryaWe, Mwami, nk'uko urihishuye. Ibisigaye ni We vyega. Aho imbuto zigwa. Jewe ndazimija gusa. Mwami Mana, ndasavye ngo zigwe mw'ivu ryiza, rimera kur'uno mugoroba kugira benshi bazoribone, Mwami, kandi bahaguruke ari Abakristo bakaka, mur'ino misi y'iherezo, kugira ngo ca kintu gihambaye twiteze ko kiza, kizoze vyihuta. Biduhe, Mwami. Kandi Uzotwara Ishengero ryawe, Umugeni wawe, umujane i Muhira. Turabibona vyose biriko biraja mu rutonde. Ngw'ino, Mwami Yesu. Turabigushikirije vyose, mw'Izina rya Yesu Kristo, kubw'ibizovamwo. Amen.

Ndamukunda, ndamukunda
Kuko ari We Yabanje kunkunda,
Akandonkera agakiza kanje
i Kaluvariyo ku…

119 Mbega muraMukunda? Vyiza, aho rero mutegerezwa gukundana hagati yanyu. Ni muramukanye mu gihe muriko muraririmba kandi:

Ndamukunda, ndamukunda,
Kuko ari We Yabanje kunkunda
Akandonkera agakiza kanje
Ku…

Kano kanya ni muze tumuninahaze. Ni bangahe bazi uru ruririmbo:

Nzomushima, Nzomushima,
Nshime Umwagazi w'Intama Yakerewe kubw'ivyaha;
Ni mumuninahaze yemwe bantu mwese,
Kubw'amaraso yiwe yeza de irabaga ryose.

Reka tururirimbe rero ubu:
Nzomushima, Nzomushima,
Nshime Umwagazi w'Intama Yakerewe kubw'ivyaha;
Ni mumuninahaze yemwe bantu mwese,
Kubw'amaraso yiwe yeza de irabaga ryose.

Mbega ntimwumva mwartyorowe ubu? Ni muduze amaboko yanyu muvuge muti: “Oo, ivyo bituma niyumva neza.” Mwene Data, ndakunda izo ndirimbo z'ibihe vya kera. Namwe s'ukwo? Zirakora ku mutima.
Nzomushima, Nzomushima,
Nshime Umwagazi w'Intama Yakerewe kubw'ivyaha;
Ni mumuninahaze yemwe bantu mwese,
Kubw'amaraso yiwe yeza de irabaga ryose.

120 Reka tuduze ibiganza vyacu aka kanya dutazire Imana, umwumwe wese muri twebwe, mu buryo bwacu bwite:

Mwami Yesu, turagushimira. Turaguhimbaza, Mwami. Turaguhimbaza kubw'ihanga ryahamagariwe gusohoka, kuva muri Babuloni. Turagushimira kubw'Amaraso y'Umwana wawe, Yesu Kristo. Turagushimira kuko Atwejeje muri kano kanya. Tu… Turasavye imbabazi z'amakosa yacu, ubujuju bwacu, Mwami, ukujuragirika kwacu mu mwijima. Ôo, Mana, reka duhaguruke maze dusayangane, tugendere mu Muco w'akagoroba, hanyuma tube icamwa ca ca Giti cagaragajwe biciye ku Mico y'akagoroba. Biduhe, Mana Mukundwa. Turakwihaye, mw'Izina rya Yesu Kristo.

Mucunamitse imitwe yanyu, ndahaye ikibanza abungere bashigikiye kino gikorane.

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info